# Akayungiro K'Umuntu Yiyumvira

Jeffersonville, Indiana USA

22 Myandagaro 1965 Ku Mugoroba

1 Urakoze, mwene Data Mann. Ndabona yuko wazanye mweneData. Umwami Aguhezagire. "Vyose birashoboka, izere gusa." Dusenge.

O Mana, vy'ukuri ico nico imitima yacu yipfuza kur'unomugoroba, kwizera gusa. Nk'uko twakoraniye hano kur'uno mugoroba mw'ihema,izuba ririko rirarenga mu burengero, turasavye, Mana mukundwa, yuko Utwemererako dutahura ukuntu vyegereje yuko izuba ririko rirarenga kandi no ku gihe;igihe kiraheze. Umusi urakuze. Kandi turibuka igihe kimwe aho umusi wari ukuze,ingenzi zibiri zaraKwinginze ngo Winjire maze Ugumane na bo. NihoWimenyekanisha kuri bo mu gusobanura Ijambo ryaWe no kubereka ivyo KristoYategerezwa kubabazwa, ivyo bintu vyose ubwa mbere.

Kubw'ivyo turasavye, Mana, nk'uko umusi ukuze, yukowoza mu mazu yacu ukabana natwe, maze Ukadusobanurira Ijambo, Mwami, iryotuzigama neza nk'itunga riva kuri weWe, nk'ingabire mu mitima yacu. Ntitwigerenamba tuRica imbere; twame imisi yose tuRyubaha n'imitima yacu yose.

TuraGushimiye ku vyo wakoreye abari mu bitaromur'aka gatondo, n'ivyo wakoreye urya muhungu muto wamwene Data Capps yari kumusego, ari hafi ku mpfiro, none raba ari hano mw'ikoraniro kur'uno mugoroba.Ese ukuntu tuGushimira, Data, kubw'ivyobintu vyose!

Dushoboze, Mwami, kugira ngo tumenye ukugenetubwirizwa kuguha amashimwe.Turagira gusa… Birarengeye ugutahura kwacu kumenyaukugene twoGuha amashimwe. Ariko, Mwami, niwakire imitima yacu nk'ibimenyetsovy'amashimwe, yuko tuGukunda. Kandi iyo tu -tugomvye gukora ibigororotse, utwereke ivyo dukwiyegukora. Tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

Murashobora kwicara.

2 Ndagize mwiriwe kuri rino shengero rinini ryuzuyekur'uno mugoroba no hanze hirya no hino mu gihugu hose kubarikobadukurikiranira ku mirongo ya terefone. Bavuga yuko n'ubu nyene bashizwe kumurongo kur'uno mugoroba.

Ndizera yuko umugore wanje ariko arumviriza.Sinashoboye kumuterefomna, kubw'ivyo ndaza kumuterefona inyuma ya kinogikorane.

Turafise urwandiko hano yuko muri kino gitondomwenewa… canke se wa mwene Data Jackson yari amerewe nabi cane, arikoyabandanije atora mitende cane, ku buryo kumbure ashobora gutaha i we ku musiw'ejo.

Umuhungu muto wa mwene Data Capps, uwo yampamagariyeejo bundi nimugoroba, sinzi yuko mweneData Capps ari hano mw'ikoraniro canke ko atahari, ariko, umwana wiwew'umuhungu muto yari aremvye cane.

Kandi vyarashitse yuko twe na Joseph twari hariryabimenyerereza ivyo gu -gutumbereza, ndiko ndategura inkoho yanje nto yo mubwoko 22. Narabibabwiye vyose mu ndwiiheze. Kandi koko azoba umurashi nyawe. Kubw'ivyo rero yashaka kubwira ivyoyakoze Gary na Larry. Niho yambarira, turiko turagaruka…Navuze nti: " Wategerezwaguhagarara hanyuma -hanyuma ukabibwira mwene Data Gene Norman."

Aca avuga ati: "Duhagarare tubanze tubwire Billy ubwambere," mukuru we.

Amaze kumwereka ingene yarashe neza atumbereza, acaavuga ati: "Ubu rero ntuze uramfyinako." Murabona?

3 Hanyuma mu gihe twari tugishitse ngaho, ni uko,terefone ica irahamagara, maze Billy aca agenda ariruka kubaza… Nca mvuga nti:"Ishobora kuba ari terefone y'umuntu arwaye." Niho twari tugishika, kandi yarimwene Data Capps. Kandi ako gahungu kari gafise ingwara y'urusina, kandi kari gafise amahirwe makecane yo kubaho. Hanyuma Umwami Yaragakijije. Hanyuma ejo bundi nimugorobababambwiye ko yumva ububabare kanaka, ni Umupfasoni Wood yariko arabimbwira.Kandi twariko turagenda twihuta, hanyuma nca ndagira gusa… mvuga nti:"Mupfasoni Wood, umwanya wamaze kurenga cane ubu, ni isaha zine zuzuye, ndafiseamakenga yuko batondeka ngo ninjire hariya mu bitaro." Mvuga nti: "Ndagiye imuhira hanyuma nugare umuryango." Nca ndataha maze ndasenga. None numvise yukoako gahungu kari hano mw'ikoraniro kur'uno mugoroba. Kubw'ivyo ivyoturabikenguruka cane. Kandi turashima.

Ubu rero tubandanya kumirako; nta makuru turumva.Nimba mwene Data Leo Mercier na mushiki wacu Mercier bariko barumviriza, ntamakuru ya papa wanyu turaronka. Turizeye kuyaronka vuba, ingene amerewe. Arikonsa n'uwudakekeranya yuko azokira, ku bw'ivyo twizigiye Imana Mushobora vyose,yuko Imana Izokwitwararika uwo mukundwa, uwo mutama w'umweranda, umukozi w'Imana w'Ubutumwa Bwiza w'umukukuruke wa kera.

4 Ubu rero, oh, hariho ibintu vyinshi bikenewe gukorwa,n'umwanya muto cane wo kubikora,, ku bw'ivyo dushire utwigoro twacu twose ubumuvyo dushobora Umwami wacu.

Naje ino hakirikare gato. Kandi si -sinari niyumva neza cane. Nararushe, vyitwa kuruha koko,nkaba naryamye kur'uno muhingamo. Nta na rimwe… Sindanafungura ivyo kurya vya mugoroba. Kubw'ivyo nanatashe , nca nguma nryamye umuhingamo wose. Nari niyumva nabi, nca ngumanryamye aho. Hanyuma nca ntangura gusenga, hanyuma nca niyumva neza. Nca ndavyuika, ndambara, nca ndazakw'ishengero.

Kubw'ivyo tw-twizigiye Umwami Yesu Kristo ubu yukoAza guhezagira utwigoro twacu twese hamwe kur'uyu mugoroba, mu gihe irya n'inohose mu gihugu tugerageza guhuza iki gice c'Umubiri wa Kristo, nk'uko nahaweuburenganzira bwo kugaburira intama ziWe. Kandi ngomba kubikora neza ahoukumenya kwanje kugera, mu kugabura Imfungurwa zibereye nzi ku ntama.

Ndindiranye igishikaigihe aho twese tuzokoranira hamwe mu kibanza kimwe hanyuma twigishe kuri vyaVyago Ndwi, na za Nzavya Ndwi, na za Nzamba, n'ibindi. Ivyo bintu vyose biberarimwe. Ico ni co gituma bizodufata hafi nk'iyinga, imisi cumi canke irenga,kugira ngo tubiheze mu gikorane kimwe, tubishoboye. Ndibaza yuko ivyo bizobabihagije cane.

5 Rero, benshi muri mwebwe mufata ingendo ndende. Ndikondaraba hano, nabonye mu kanya gaheze, abantu b'i Tucson. Umupfasoni Sothmann,ndabona mwene Data Fred yashitse neza. Namubonye mw'ikoraniro muri kinogitondo. Kandi hariya nibaza yuko ari mwene Data Don Ruddell yicaye hafi yiwehariya inyuma, kur'uno mugoroba. Ndanezerewe no kubona mwene Data Don hano munyubakwa. Na Junior, mbe Junior ari hano, canke ari kw'ishengero ryiwe? Ndizerayuko bariko barumviriza biciye ku materefone kw'ishengero kur'uno mugoroba.

Rero, mwebwe mwese bene Data, turanezerejwe cane n'ukomuri kumwe natwe kur'uno mugoroba,kandi twizigiye Umwami yuko umusi umwe twebwe, igihe umusi w'ubuzima uzobaurangiye n aka gaco gato k'ubu buzima bupfa gatanguye kudegera noguherengetera, nta kibi tuzotinya kuko hariya epfo mu -mu…

6 Mpejeje kuronka icegeranyo kuri mwebwe, abari muri -bari i…muri Arizona, i Prescott. Mwene Data Coggins yashoboye kuva mu bitaro.Rero turashima cane kubw'ivyo. Neza. Ni vyiza. Nuko rero turasshima rwosekubw'ivyo. Mushiki wacu Mercier, papa wawe ubu ariko aratora mitende.Naravyumvise, duhejeje gusenga, yuko yokize. Kumbure barashobora kuba barikobarumviriza; ndizera ko ar'uko; ndibaza ko ar'uko. Rero turakenguruka canekubw'ivyo, yuko mwene Data a - ameze neza ubu, kandi yuko agiye kumera neza.Kubw'ivyo turashimira Umwami kubw'ivyo bintu vyose.

Nararonse umutwaro ejo nijoro; wa mwene Data umwemukundwa, ndakeka ko ashobora kuba atari kumwe natwe uyu musi. Mwene Data umweava hariya epfo muri Kentucky, yanterefonye kubw'umukobwa wiwe. Umuryango mwizacane, kandi uyo -uyo mukobwa agiye kuzobagwa, umu mama akiri muto afise canserimu mugongo. Kubw'ivyo tu -turasenga ngo Imana Ibohore uyo uwo mupfasoni.Ndizera yuko Izobikora, hamwe twogira gusa…

Ikoraniro, twese hamwe, tufatanye maze dusengere abobantu, twese hamwe. Ico nico dutegerezwa gukora, nk'umugwi umwe. Nk'uko…

7 Kandi nk'uko iminsi ibandanya yegereza, n'inzira iterayaga, twi -twipfuza kubandanya twegerana kurushiriza. Bagenzi, dutegerezwa kubaumwe, umubiri umwe. Dutegerezwa kujana, twibagira ivyaha vya bamwe n'abandin'ibidutandukanya, tukabandanya dufatana mu nda kurushiriza no kurushiriza nokurushiriza, mu gihe tubona wa Musi utera wegereza. Dukoranira hamwe, twese duhujeumutima n'inama. Kandi hamwe hogira mwene Data, mushiki wacu ava mu nzira, muburyo na bumwe, ntihagire ikintu na kimwe mukora ariko musengere uwo muntu,kandi mu rukundo, igihe cose twitanaho.Nti -ntimwigere mureka namba umwe murimwebwe ngo agende. Nimugume muri hamwe. Kandi, nimba mubishoboye, mwongerekovyinshi, ubudahengeshanya, igihe cose.

8 Mwene Data Neville, naronse umutwaro wawe hano ujanyena mwene Data Wright, mwene Data George Wright ari hano. Turahimbawe mwene DataWright na mushiki wacu Wright, hano…Akana Edith, nda… Umusi umwe nitwagaruka,turipfuza kuzokora igikorane gito c'icibutso hano.

Sinagarutse kubwa Edith n'igihe yasezera isi. Ariko,Mushiki wacu Wright, uribuka indoto yagize imyaka mike iheze. Kandi narakubwiyeico gihe, mvuga nti, " Ni uko, ka Edith ntikazogumana natwe igihe kirekire caneuhereye ubu," kuko Umwami Yari Yamaze kuvuga yuko yari agiye kwitaba Umuremyi,biciye mur'iyo ndoto yari yagize. Kandi nararonse insobanuro yayo, kwari uko,ko yari agiye guhura n'Imana. Nk'imyaka ibiri inyuma y'aho, yaragiye guhuran'Imana. Ubu arindiriye se wiwe na mama wiwe yuko bajabuka wa murongo ugabura,hagati y'ugupfa n'ukudapfa.

Imana Ibahezagire. Ngomba kugerageza kubabona ubwonyene, hamwe nobishobora kumbure. Kubw'ivyo Imana ibane namwe hamwe na Shelby,na buri umwumwe wese. Nibajije ko nabonye Shelby mu gitondo c'uyu musi; sinzi neza.

Ntushobora kubona neza uri hano, igisenge kiregereyecane nk'uku, gigaca gikwiragiza u -umuco nk'uku. Urashobora kubona aho bari,ariko ntushobora kubona abantu neza.

9 Ubu rero, tufate Ubutumwa tudatevye. Ubu ni Ubutumwangomba gusoma mu Guharura 19:9 no mu Banyefeso 5:26. Kandi kuri mwebwe bantumukunze kwandika aho twasomye, n'ibindi, kuki, murashobora kuvyandika.

Kandi ubu nimwibuke, nimba ibi biriko birafatwakuri bande…Sinzi. Nta n'umwe mbona. Egome, ndamubona, ndabona koko mwene DataTerry hariya mu -mu cumba bafatiramwo amajwi. Kandi nimba ibi biriko birafatwaku ma bande; kuri buri muvugabutumwa ahantu aho ariho hose, igihe ico ari cocose, ibi ntibishikirijwe mu ntego yo kutubaha inyigisho zanyu, ibintibinagenewe washaka intama zanyu. Ubu Butumwa, co kimwe n'ubundi Butumwabwose mvuga, bugenewe ikoraniro ryanje. Ntibugenewe amakoraniro yanyu kiretsebagomvye bo nyene kuBwakira. Ariko bugenewe bano bantu bari hano.

Abantu baragura izi bande. Abantu hirya no hinokw'isi barazigura bakazivuza. Kenshi baranyandikira. Kandi nama ndabarungika igihe cose, iyo ariabanywanyi b'ishengero kanaka, nkababwira nti, "Muraraba umwungere wanyu."

10 Ubu rero, bungere, nshaka yuko mumenya ivyo, yuko, ibibintu ndabibwira ikoraniro ryanje gusa. Kandi ndafise uburenganzira bwokubikora, kuko nashizweho na Mpwemu Yera ngo ndagire izi ntama. Kandi nobangowe hamwe ntababwiye ico niyumvira ko ari Ukuri, n'uburyo nibaza kokuzananamwo. Ariko ntibiraba ab'isi basigaye n'ayandi mashengero asigaye.Mukore ivyo Imana Ibabwiye gukora vyose. Jewe sinshobora kubishurira, nk'ukonamwe mudashobora kunyishurira. Ariko umwumwe wese muri twebwe ategerezwakwishura imbere y'Imana, kubw'igikorwa cacu. Kubw'ivyo, nimba ntegerezwakubazwa kubw'igikorwa canje, ntegerezwa kuVyigisha mu buryo ndaBibonamwo, muburyo ndaBihushuriwemwo. Ivyo reka rero bimenyekane muri kano kanya.

11 Ubu rero mu Guharura 19:9, tugomba gusoma ico gisomwa,canke iki Canditswe, nako.

Umuntu adahumanye ayoreumunyota w'iyo nka, awubike inyuma y'aho mushagaje, ahantu hadahumanye,ubikirwe ishengero ry'Abisirayeli, ngo baze bawutobe mu mazi, abe ayoguhumanura: ivyo bizoba ivyo gukura ivyaha.

Nimurabe, atari ku wo ari we wese, "kw'ikoranirory'abana ba Isirayeli; amazi yo guhumanura."

Ubu naho mu Banyefeso, igice ca 5, no guhera kumurongo wa 22.

Bagore, mugamburukireabagabo banyu nk'uko mugamburukira Umwami wacu. Kuk'umugabo ari we mutwew'umugore wiwe, nk'uko Kristo na We ar'Umutwe w'Ishengero, akaba Umukiza waryo,ari wo Mubiri wiwe. Ariko nk'uko Ishengero rigamburukira Kristo, abearikw'abagore bagamburukira abagabo babo muri vyose. Bagabo, mukunde abagorebanyu, nk'uko Kristo na We Yakunze Ishengero Akaryigura, Aryogesheje amazi n'Ijambo.

12 Ubu rero kino gisomwa gito kur'uno mugoroba, nimbanoshobora kucita igisomwa. Kandi ndizera yuko abantu bari ngaha, co kimwen'abafatanijwe natwe n'imirongo ya terefone hiyo hanze, bataza gukengera binongo bibaze yuko bifise intego kanaka yo kurogota. N'ubwo gufata igisomwank'iki, vyosa n'ivyumvikana nk'ukurogota. Umutwe w'amajambo ngiye gukoreshakur'uno mugoroba ni: Akayungiro k'UmuntuYiyumvira. Vyumvikana nk'umutwe w'amajambo ukase, ku muvugabutumwa nkanjearwanya cane ivyo kunywa itabi, ko mfata igisomwa nk'ico ngo, Akayungiro k'Umuntu Yiyumvira. Ni ikintucashitse ejo bundi mu gitondo igihe nari nagiye guhiga imihare.

Ese iyaba mwebwe muri hanze mwumviririza ku -hanzemwumviririza ku ma radiyo, muriko mwumviriza ku buhinga ngurukanamajwi, cankeku ma terefone, mwari kuraba mu maso h'abantu bari mw'iri koraniro mazegutangaza icigwa canje, vyari kubatwenza mugakumbagara. Akayungiro k'Umuntu Yiyumvira.

13 Neza, Vyose vyabereye hariya ruguru aho Abamarayikab'Umwami banyiyerekeye igitondo kimwe, nay a mihare ikaremwa n'Ijambo rivuzwe.Mwese muribuka igihe ivyo vyaba. Kandi, vyongeye, neza na neza ku gatwe k'agasozi aho nari mpagaze,niho…imbere gato yuko nigisha kuri vya Bihe Ndwi vy'Ishengero, ngiye guhigaigitondo kimwe imbere yuko butamanzura. Hari hahagaze…Nibajije ko izuba ryarikoriraseruka, hafi sa kumi z'ubuca. Ibitamenyerewe; nabonye uwo Muco, maze ncandahindukira, nca mbona hahagaze vya Biterekwako Amatara Indwi vy'Izahabubihagaze hejuru kuri nya gasozi, bigasa n'uko igisa n'umunywamazi caduga gicamu miheha gikakwiragira hose.

Ubwo nyene inyuma y'ivyo, Umwami Yesu YaciyeAtwiyereka. Ubwo nyene nca numva Ijwi ryavuze riti: " Yehova wo mw'Isezeranorya Kera ni We Yesu Wo muri Rishasha."Kandi ng'Uwo niho Yari, inyuma y'akanyagato Yahishuwe inyuma y'ivyo Biterekwako Amatara Ndwi vy'Izahabu. Hanyumanimwihweze ivyo. Ni bangahe bibuka ico cigwa? Nari nacanditse inyuma ku -kugakarato kavamwo a -amasasu nari mfise mu mufuko. "Yehova wo mw'Isezerano ryaKera ni We Yesu Wo muri Rishashsa." Imana Yo mw'Ijuru Irazi ko ivyo ari ukuri.

14 Igihe nariko ndaca aho hantu Yari Yaranyiyerekeye munyuma gato, ku bijanye nay a mihare.

Hanyuma rero igihe nahamagara umugenzi wanje mwiza,Jack Moore, amezi make inyuma y'aho, ngo ndamubaze; igihe natangura kwigisha kuBihe Ndwi vy'Ishengero, Ivyahishuwe 1. Yari Ahagaze, Yera wese; umushatsi wiWeumeze nk'ubwoya bw'intama y'umweru. Ni gute We, Agifise imyaka mirongo itatun'itatu gusa, yoba yera wese? Hanyuma mwene Data Moore, untu mwiza canew'Umukristo, yize, kandi incabwenge, umwe muri beza cane nzi; aca avuga ati,"Mwene Data Branham, uwo Yari Yesu inyuma y'uguhabwa ubwiza kwiWe. Ukwo nikoAsa ubu." Ariko sinumvise ko binyuze. Nca nguma nsenga gushika y'aho umusiumwe…

Imbere yuko ntangura Ibihe Ndwi vy'Ishengero,sinashobora gutahura neza ico gice ca mbere. Ni gute Umuntu, w'imyaka mirongoitatu n'itatu, yazutse ari muri wa mubiri nyene ku buryo intumwa zaMumenye,baramenya ko ari We; ni gute Yari kuba Afise imyaka myinshi nk'uko, kumbureimyaka mirongo umunani canke mirongo icenda, n'ubwoya buhambaye bwera bupfutsemu maso hiWe, ubwanwa bwiWe nabwo bwera nka shelegi?

15 Nari narasomye mu Gitabu ca…ca Daniyeli, aho yaje "Ku WaMbere na mbere, Uwo imishatsi yiWe yera nk'ubwoya bw'intama y'umweru." Nihonaca mbona uwo Wa Mbere na mbere. NiWe Yari uwo Mukurambere w'Imisi, wa wundinyene ejo hahise, uyu musi, n'ibihe vyose. Murabona, cari ikimenyetso, icogihe.

Kubera iki ubwoya bw'umweru? Niho rero na…Mpwemu YeraYasa n'uwuriko arambwira kuvyerekeye igicapo nigeze kubona igihe kimwe,c'umucamanza wa kera. Niho naca nja muri kahise; nca nsubira inyuma muri kahiseka Bibiliya n'ibindi, kugira ngo mbone ivyo ari vyo. Hanyuma abacamanza bakera, co kimwe n'umuherezi mukuru muri Isirayeli, yategerezwa kuba afise uwomushatsi n'ubwanwa vyera, vy'imvi zisa n'ubwoya bw'intama, kuko ukwo kwera kuriwe kwerekana yuko yaba afise ububasha kibirengeye bw'abacamanza muri Isirayeli.

Ndetse n'uyu musi, kumanuka mu myaka mike amajanaiheze, kumbure imyaka kanaka ijana ishize, canke kumbure atari nk'uko, inyumayahoo. Abacamanza bose b'Abongereza, uko baba bakiri bato kwose canke uko bababakuze kwose, igihe baba binjiye guca urubanza, Bambara inkofero yera; mukwerekana ko ata bundi bubasha buhari, mur'ubwo bwami, hejuru y'iryo bavuze.Ijambo ryabo ni ntavuguruzwa mur'ubwo bwami. Ico bavuze, nta ryongerwako.

Ubu naho, rero, naciye ndabibona. Ng'uwo YariAhagaze aho, Akiri umusore, ariko yambaye inkofero yera. Yari Ububasha bwuzuye,kibirengeye. Yari Jambo. Kandi Yari Afise, Yambaye inkofero yera.

16 Hanyuma, mu nyuma tumaze guheza, hanyuma u -ubutumwa,hanyuma tukaja mu burengero, maze igihe Abamarayika b'Umwami baseruka hariya kubwa Ya Mashashara Ndwi, maze bakaduga mu kirere (ivyo dufise ifoto yavyo ngaha,na hose mu gihugu), Yari Ahagaze hariya, Acambaye iyo nkofero y'ububashakibirengeye. Ni We Mutwe w'Ishengero. Ni We Mutwe w'Umubiri. Nta na kimwecogereranywa na We, ahantu na hamwe. "Vyose Yabiremye kubwiWe. Vyose Yabiremeyekuba ivyiWe, kandi nta kintu na kimwe kitaremwe na We." " Yari Afise ububashabwose mu Majuru no kw'isi," kandi vyose ni ivyiWe. " Kandi muri We hariukunengesera kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri." " Kandi Jambo yari Imana, yambayeumubiri abana natwe." Kandi ni We Yahishuye ibanga ryose ry'umugambi wosew'agakiza, iryo abavugishwa bose n'abanyabwenge bavuzeko. Ni We wenyene YariUwo Yari Yambaye iyo nkofero n'Ububasha kibirengeye.

17 Rero, narahagaze, hejuru kw'ako gasozi ejo bundi mugitondo, vyasa n'uko hari imihare yari yahaciye. Nca ntangura kwicara. Narindahamaze akanya gato, igihe, ibisaka vyahungabana iruhande yanje, urugaborumwe rw'ikigatanya rwari rufise inkoho y'iminwa ibiri rwariko ruraza ruca mur'ivyo bisaka ngaho, rwaranteye ubwobavyo gupfa. Nca ndagenda aho, nca ndunama n'ingoga; naratinya no kunyiganga, ntinyako yohava andasa. Ibisaka biriko biranyiganga, kubw'ivyo nca ndacerezandatekereza.

Umuhare uca utangura kuduga umusozi, uwo mugabo acaatangura kuwumija amasasu akoresheje ya minwa ibiri yompi. Aca arawuhusha, nukowa muhare uca umanuka ku musozi. Nca ndibaza nti, "Ubu rero ngira ndahavengende; urwo rwamo rwose ruriko rurasirana. Inkoho yiwe yahezemwo amasasu."

Nca ntangura kumanuka umusozi, hanyuma uwo mugabo acaarasa neza na neza imbere yanje. Bica birampindukiza nk'uku. Nca ntangura kuja mw'uru ruhande, ngo manukire ahandi, hanyumaiyo nkoho ya 22 ica iratangura, amasasu anyuragirana hejuru yanje. Nca mvuganti, " Ehee, ndi mu kibanza kibi cane."

18 Niho naca mpindukira nca manukira hafi y'uruzi. Ncandibaza nti, "Ngoma manuke hano maze ninyegeze gushika bahejeje, mbonekuvayo."Rero nkiriko ndamanuka, nca ngera aho nkwega…Nca nkwegerwa kuraba hirya i buryobwanje. Maze kuraba, hariho ipaki ivamwo itabi igaragara aho umwe muri bo yariyayitaye hasi, mur'ukwo kwiruka kwose kwa… igihe imihare yariko iraca mubisaka.

Nca ndatora iyo paki y'itabi, nda ndaraba…Oya sinigeze ndayitora; murantunga. Narayiravye. Sinayitoye, kuko ntakunda akamotok'ivyo bintu, ubwa mbere hoho. Nca ndayiraba, kandi ni u -uruganda kanakarukora itabi urwo nibaza ko ntovuga izina, ariko muza kumenya. Kur'iyo pakihavuga ngo, "Akayungiro k'umuntu yiyumvira n'akanovera k'umuntu anywa itabi." Nararavye ico kintu, nca ndibaza nti,

"Akayungirok'umuntu yiyumvira?" Nca ndibaza nti, "Iyaba uwo muntu ashoboye kwiyumvira na gato,ntiyonyoye itabi na mba. Ni gutekoba 'akayungiro k'umuntu yiyumvira'? Umuntu yiyumvira ntiyategerezwa kunywaitabi na mba." Neza.

19 Rero, nca ndibaza nti, "Ese ukuntu ari ububeshi!" Uburero, izo nganda z'amatabi zitwa ko ari Inyamerika. Kandi, ôo, iyaba tubayehomu buryo bujanye n'amategeko ngenderwako yacu, tuba dukora mu buryo bwogufashanya, iyaba dufitaniye ikibabarwe. Ariko ese uburyarya! Igituma ntigezemvuga izina ry'urwo ruganda, ntegerezwa kuvuga ibintu bibi kuri bo. Ni guteumuntu uwo ari we wese ashobora kuba inryarya, kugira ngo yironkere ifaranga?

Umuntu yiyumvira ntazigera anyway itabi na mba.Ariko ese ukuntu Abanyamerika bahendwa na vyo; bibaza yuko ivyo ari vyiza cane!

Ubu rero nimurabe, ntimushobora, ntimushobora…Nimubaze uwo ari we wese, abashakashatsi, muzo… ntimushobora kugira umwotsi ngohareke kubaho umusengesenge.Hagize n'agace na gatoya k'umwotsi gasohoka, uwo ni umusengesenge. Iyo utaronse umwotsi na mukenaho rero, aho rero nta musengesenge uronka, nta na kimwe uronka. Uba urikourakwega igiti gusa. Ariko igihe cose uronse umwotsi na gato, uba urikourakwega winjiza kanseri, ubumara bwa nikotine.

20 Iyo muza kuba muri kumwe nanje mu mwaka uheze, cankeumwaka imbere y'uwuheze, ndibaza ko hari, kw'Iratiro Mpuzamakungu, aho YulBrynner n'abo bandi bose bari hariyaberekanira ibintu, mukabona ingene bafata uwo musogoto w'itabi, bakawushira mukintu kanaka, bagaca bayikwegera ku gipande c'isahani y'ibumba. Maze uwo muganga agafataipampa, akarikumbagazamwo ngaho agakuramwo bwa bumara bwa nicotine muri yo,agaca abushira ku mugongo w'imbeba yera, agaca ayugaranira ahantu. Hanyuma ukoimisi indwi ishize bakayisohora. Iyo mbeba basanze yuzuye kanseri ku buryoitari ishoboye no kugenda, ivuye mu bumara bwa nicotine buvuye mu musogoto umwegusa.

Niho yaca avuga ati, "Murazi, bavuga ngo urashoborakubiminina biciye mu kayungiro," Avuga ati, "Nta kayungiro ushoborakuronka…Akayungiro na kamwe kokuramwo ubumara bwa nicotine, koca gakuramwon'umwotsi," avuga ati, "kuko utegerezwa kugira umwotsi…bisaba ko habaumusengesenge kugira ngo bigire umwotsi, kandi ni uwo musengesenge uterakanseri."

Hanyuma aca aragenda, abicisha mu mazi, avuga ati,"Rimwe rimwe muhora mwiyumvira yuko mushobora kubuyungurura." Avuga ati, " Burigihe, ubwo, aho ubukwegera hose." Avuga ati, "Bavuga ngo, 'Sinkwega miraumwotsi,' bagaca bawushira mu kanwa kabo hanyuma bakawusohora." Aca arawufataarawuvayanga, aca awushira musi y'ikintu kanaka ngaho, araheza yerekana koikiri kanseri. Muriko mukora iki? Muriko murayimira neza na neza mu muhogowanyu. Murabona? Ico mukora cose, ruguma ari urupfu. Murabona?

21 Hanyuma kwibaza ko uruganda rushobora guhenda umuntubihagije, canke kugerageza guhenda abantu babo bwite. Ni nk'inkukuma iryaabayo, abo mu bwoko bwayo. Kurondera amahera, kugurisha urupfu ku -ku gihugu,no ku rwaruka. Hanyuma bazogende ku murongo w'urugamba babapfire, hanyumababahindukire nabo babagurisheko ibintu nk'ivyo, musi y'ikintu c'ikinyoma ngo,"Akayungiro k'umuntu yiyumvira, ariko akanovera k'umuntu anyway itabi."Utegerezwa kuronka umwotsi kugirango uronke ako kanovera. "Akanovera k'umuntuanwa itabi."

Ese ukuntu abantu bahendwa na vyo, n'ubwo bir'uko!Bararironka. Ariko ni ukugira ngobarushirize kubahenda. Murabona, ni ivya wa murwanizi. Ntibitayeho ubuzimabwanyu. Nta kibabarwe babafitiye. Babagurishako ivyo bintu bashaka kwirabiragusa ingene mugandagurika, bapfe yo kwironkera amahera gusa.

22 Ni nka politike be n'intambara. Jewe sinemeraivy'intambara. Jewe sinemera yuko hari igihe na kimwe twategerezwa kugiraintambara.

Nemera Ubwami buhambaye ubwo Imana Iriko Irazana, iterambere rihambayerizozanwa musi y'inganji yiWe Bwite ihambaye; nta yindi ntambara izongerakubaho na mba. Nta hanga rizongera kubangurira amacumu ayandi mahanga. Yose azoba impore, impore y'Ibihe Bidashira.

Kubw'ivyo ubwoko bw'iterambere ben'ubu buzanaintambara. Kandi uko dutera imbere, musi y'ibi, niko tugira intambara nyinshi.Umwe agerageza kuba uwuteye imbere kurusha uwundi, hanyuma uwuteye imberekurusha abandi agateza intambara nyinshi. Murabona?

Kandi nimurabe uko biri; musi y'iri terambere, koumuntu yubahuka gutanga ikintu nk'ico. Kandi ico bikora gusa, ni ukubahenda gusakugira ngo bitume ugura itabi ryinshi. Kuko iyo umuntu anywa itabi… Kandinizera ko ari ivy'umurwanizi, haba kandi hariho ikidayimoni c'ubumara bwanicotine mu mugabo no, canke mu mugore. Kandi nimba umusogoto umwe ushoboragutosha ico kidayimoni gikunda ubumara bwa nicotine gushika kikureke kiguhe agahengwe, n'umusogoto umwe.Hanyuma maze ugaca ufata akayungiro, maze ukareka ica gatatu c'uwo mwotsikikaba arico kirengana rero, canke ica gatatu c'ubwo bumara bwa nicotine akabaarico kirengana, aho rero bica bisaba imisogoto itatu kugira ngo isubirire uwoumwe, uce

unywa itatu aho kuba umwe.

Murabona, ni -ni amayeri gusa, uruhendo, amayeri yokugerageza kugurisha itabi. Barashobora kugurisha ryinshi mur'ubwo buryokurusha iryo boshobora kugurisha mu kureka umuntu akanywa itabi nyene ubwaryomu nkononko yiwe canke mu musogoto wiwe. Murabona rero, ni ivy'umurwanizi.

23 Mu gihe nari mpagaze hariya ndiko ndabiraba, nibaza ukugenenari ivy'uruhendo, ikibazo caciye kiza muri jewe. Nca ndunama, nongera kurabaya paki kandi, hanyuma nca nda… nk'uko umengo hari ikintu cambwiye giti, "Ariko ico civugo ni ciza, 'akayungiro k'umuntu yiyumvira, akanovera k'umunywiw'itabi.'" Bica biranzamwo yuko ubwo buhumvyi, kandi, mu buryo busanzwe ngahomw'itabi, ari co kintu dusanga no mu mashengero ya none, murabona, ubuhumvyi.

Vyageze aho isi yose ihinduka uruhendo rukomeye kubijanye n'ic'ukuri koko n'iciza. Murabona, ndetse no muri politike, no muvy'imibano, mu mashure, mu bintu vyose, vyahindutse uruhendo.

24 Hariho umusore umwe yariko aranyagira ejo bundi koyari hariya mw'ikambi ya gisirikare, hanyuma umusirikare umwe akiri mutoagongwa na burende; amahaha yiwe, umushishito wiwe, canke ico ari co cose,vyari vyatobotse. Baca baja ku bitaro; bari bafise abaganga batatu canke banebahagaze ngaho ku murongo, umwe wese ahagaze mu murongo. Abasirikare babiricanke batatu nabo baseguye mugenzi wabo, vyari bigoye n'uko ahema… Igihe coseyari guhema, urubavu rwari guca rutobekeranya amahaha yiwe, ivyo bigacabimutuma aviriranira imbere. Baca barareka uwo musore aratonda ngaho mur'uwomurongo, yari inyuma kure aho umurongo uhereza, bagaca bareka abo bandi, bamwebamwe muri bo ata n'ico barwaye uretse ububabare bw'ugutwi n'ibindi nk'ivyo,bakaba aribo batangura.

Hanyuma igihe yagira ashikirwe, haca haza umukoloneri kanaka arinjira afise umwana muto yamye uruherehere, agahungu kiwegato canke agakobwa kari gafise ibiherehere ku kiganza. Baca barahagarika uwomurongo, kugira ngo binjize uwo mwana wa koloneri, uwo muhungu nawe yatobotse,ariko aracikana. Ng'ivyo. Ôo, iyo uwo mu koloneri aza kugirira ikibabarwemwenewabo hariya ku murongo, yari gushobora kuba yavuze ati, "Uwu mwanaarashobora kurindira. Nimuzane uwo muntu hano vyihutirwa, nimugire icomumukoreye!"

25 Ariko buri muntu wese ashaka kwerekana ububasha bwiwe.Nivyo, bose ntibameze uko; oyaye, bose ntibameze uko. Ariko hariho benshi canebameze uko. Harho benshi cane muri bo bameze uko. Ariko uwo mugabo, ikintuconyene cari mu mutwe iwe, kari ako gahungu kiwe kari gafise ibiherehere kukiganza, ariko atitayeho namba uwo wundi muhungu yigorewe yari ahagaze ngahoyafyonzwe na burende, ya burende nyene canke kumbure wa muhungu nyene yorokoyeubuzima bwiwe umusi umwe ku rubuga rw'intambara. Murabona, ntibahagarara ngobiyumvire; bashira imbere ivyabo gusa.

"Akayungiro k'umuntu yiyumvira."

Narayiravye, nca ndibaza nti, "Ni ikintu kimeze nka-nk'amadini y'uyu musi, amashengero dufise." Iryo ari ryo ryose muri yoryifitiye akayungiro karyo bwite; barifitiye ubwoko bwabo bwite bw'akayungiro.Barareka hakinjira gusa ivyo bashaka ko vyinjira koko, ariko ico batagombantibakireka ngo cinjire; ivyo bayungurura ngo vyinjire n'ivyo bayungurura ngontivyinjire, bakoresheje ubwoko bwabo bwite bw'akayungiro. Barereka ivy'isivyinshi cane bikinjira kugira ngo bihaze abatizera bari muri yo. Barabakira muriyo n'aho boba bameze gute, nimba ari ba rurangiranwa.

Ariko hariho ikintu kimwe kuri vyo, ntushoborakwinjira mw'Ishengero ry'Imana nk'uko; sindiko mvuga idini, nshatse kuvuga Ishengero ry'Imana nyaryo ry'ukuri.

26 Co kimwe n'izo nganda zihingura itabi uyu musi, abantubaza mur'ayo yiyita amashengero canke amadini, barafise akanovera, kandi akokanovera ni ak'ibintu vyiza vyiza vy'ino si. Kandi buri dini ririfitiyeakayungiro karyo bwite, kandi bayungururira hanze Abakristo bose b'ukuri bovuze"amen" mu gihe ariko aravuga ubutumwa; bagaca binjiza ba Yezebeli bose bari mugihugu n'imishatsi imoye, no mu maso hasizwe amarangi, bapfe kuba gusa ari barurangiranwa. "Naka araza mu ntuzeyacu…umukinyi w'amareresi, umuntu ahambaye." Ubwo nibwo bwoko bw'akayungirobakoresha. "Idini ryacu. Naka,perezida, canke ntuze- canke koloneri, canke umuntu kanaka ari mw'idini ryacu." Murabona ubwokobw'akayungiro bakoresha? Ako kayungiro, ata nkeka koko, ni ak'isi, abantub'isi.

Abo bantu, barazi ico bakeneye. Kubw'ivyo reronimba babwirizwa kuronka ico bakeneye, aho rero bazotegerezwa kugira ubwokokanaka bw'akayungiro, biciye muri ko isi yumvikane neza, ngo bihaze akanoverakabo k'ivy'isi." "Akayungiro k'umuntu yiyumvira, akanovera k'umunywi w'itabi."Akayungiro k'isi y'ikidini, n'akanovera k'umuntu w'isi.

27 Bashaka kuba abanyedini. Biyumvira yuko bategerezwakuba abanyedini, kuko bafise umushaha.

Igihe twaza muri kino gihugu ubwa mbere, mwasanzeAbahindi basenga izuba n'ibindi, kubera (iki?) we ni ikiremwa muntu. Turaja hariya kure mu mashamba yo muriAfrika, tugasanga abasangwabutaka baho basenga ikintu kanaka. Kuki? Ni ibiremwamuntu, kandi barashaka, bategerezwa gusenga.

Ku bw'ivyo ikiremwa muntu, ntaco bitwaye ukuntuyaguye kwose, aguma azi yuko hariho ikintu kanaka ahantu kanaka. Ariko afiseakanovera cane k'ivy'isi, ku buryo adashobora gufata akayungiro nyako.Ategerezwa kwironkera akayungiro yihinguriye ubwiwe. Bamwe bose bihinguriraubwoko bwabo bwite bw'akayungiro.

Buri ruganda rwose ruhingura itabi rwirata ivyarwo,ivyo bashobora gukora, "Akayungiro nyako! Aka niko kayungiro keza cane mu bundibwose! Kari kw'isonga ry'imbere!" n'ibindi nk'ivyo. Bavuga ngo, "Akanoverakaraje," canke ikintu nk'ico, "kazananye kw'isonga ry'imbere." Oh, Imana itubabarire."Kw'isonga ry'imbere"? None ikiri kw'isonga ry'inyuma naco ni igiki? Ata nkekasi umugabo yiyumvira canke umugore yiyumvira. Ariko ivyo nivyo bavuga, bahendaabantu gusa.

28 Ubu rero turabona ko, mur'iki gihe cacu, yuko abantubafise akanovera kanaka. None ni kuki umuntu anyway itabi? Ni ukugira ngoaronke akanovera kanaka. Umugore anywera itabi iki? Kugira ngo yironkereakanovera kanaka.

Hanyuma rero nimba ishengero ryaragabiye, nimbaumugwi kanaka w'idini, nimba ba… kugira ngo abantu binjiremwo, bategerezwa kubabafise ubwoko kanaka bw'akayungiro kugira ngo bahe abantu akanovera bakeneye.Kubw'ivyo iyo bataronse akanovera bakeneye, ntibaba bakeneye iryo tabi. Nk'ukonyene iyo bataronse akanovera bashaka mw'idini, ntibaheza ngo bemere nya dini.Ubu rero, ni ibintu bitomoye neza uko bishoboka.

Abagore bambaye amabutura, bamoye imishatsi,biravye amarangi mu maso, bambaye mu buryo bw'urukozasoni, ivyo nivyobishakira. Ivyo barabikunda.

Nk'uko navuze muri kino gitondo no ku w'Iyingauheze mu gitondo, kuri ya gurudumu iri mu yindi gurudumu, canke wa mushaha mutow'imbere uri imbere mu mpwemu. Ukuntu impwemu iri hanze, hagati y'umushaha n'umubiri, ishobora gusigwa muburyo ntabanduka na Mpwemu Yera. Ivyo mwarabitahuye mwese? [Ikoraniro rivuzeriti, "Amen." -Umw.]

29 Ubu rero dukomeje tubikurikira nk'ibandanyary'Ubutumwa Imana Y'Iyi Si, Abasizwe Amavuta Mu Misi y'Iherezo. Ahoinyuma, uwo muzingi wo hagati…Umuzingi wa mbere ni za -za nzira nyumviroz'umuntu. Umuzingi ugira kabiri ni inzira nyumviro za mpwemu; ugushaka,ugushaka kw'umutu bwite, icipfuzo, n'ibindi. Ariko imbere ni umushaha; uwomushaha waratoranijwe.

Kubw'ivyo, barashobora gusiga amavuta iyo mpwemukugira ngo bitumen umubiri wo hanze uganzwa n'iyo mpwemu. "Arik" umushahaucumura, uwo mushaha uzopfa." Umushaha wanka, mu kutizera, Ijambo ry'Imana,kandi usanzwe ari igice caryo, uwo mushaha uzogira Ibihe Budashira…niko wamye,igihe cose.

Ndizera urupfu rw'Ibihe Bidashira, co kimwe n'ukonizera Ijuru ry'Ibihe Bidashira, ariko sinizera kuzimu y'Ibihe Bidashira. Ntakuzimu y'Ibihe Bidashira ibaho. Hariho urupfu rw'Ibihe Bidashira ku bantu bari…Benshi muri bo, b'abanyedini, mw'isi uno musi, igihe cose bamye ari abapfu.

"Umugore aba mu bihimbaro," n'imishatsi yiwe imoyeno mu maso haravye amarangi, "aba yarapfuye agenda." Uko niko Bibiliya ivuga.Murabona? Murabona, arashobora kuba ari umunyedini, ariko ntiyigeze akizwa namba. Afise ibishika vyo hanze. Arashobora kuririmba muri korare, cankearashobora gutamba muri Mpwemu, arashobora kuvuga mu ndimi, akagiran'ukwigaragaza kwose kwa Mpwemu. Ariko kiretse igihe uwo mushaha w'imbere ariuw'umukobwa w'Imana, murabona, aba yaratakaye, naho yokora iki.

30 Ab'Isirayeri bari bafise ivy'inyuma vyose mu buryo bwampwemu, bose bujujwe ubugwaneza bw'Imana, kandi ese ukuntu bubaha Imana,n'ibindi, ariko ivyo ntaco vyamaze. Icari imbere muri bonticashobora kumenya nokwemera Ijambo ubwaRyo.

Ariko iyo wavyawe na Mpwemu w'Imana, aho rero ubaufise i…uba uri umwana w'Imana, kandi wamye uri umwana w'Imana igihe cose,kandi uzokwama uri umwana w'Imana. Nta buryo wobitandukanya, kuko ari… UfiseUbugingo Buhoraho. Igihoraho naco nticigeze kigira intango; nk'uko kandikitazigera kigira iherezo.

31 Ôo, mbegaubuntu bw'Imana, kuba Yaraduhaye ugutahura amabanga nk'ayo!

Nk'uko Paulo yabivuze hano, mu nyuma umanutse hepfo mu Banyefeso, ariko aravuga kumugabo n'umugore, avuga ati, "Iri ni ibanga," ukuntu abagore babwirizwa kwubahaabagabo babo. N'aha kabiri, nibaza ko ari ho, Bibiliya yose, ahigeze kuvugwaivyo kwubaha. Yavuze ati, "Umugore, arabe ko yubaha umugabo wiwe, ko yubahaumugabo wiwe." Rero umugabo yategerezwa kubaho ubuzima bwiza cane imberey'umugore wiwe ku buryo umugore wiwe ashobora kumwubaha cane nk'umwana w'Imana.Kandi nimba atabayeho ubuzima nk'ubwo, aho rero, ata nkeka, ntiyomwubaha, kukoazi uko ateye. Ariko iyo ari umugabo yiyubaha, yiyubaha kandi atagira agasembwa,ku mugore wiwe n'imbere y'umuryango wiwe, umukozi w'Imana nyawe, aho reroumugore, abana, n'abandi bose, bategerezwa kwubaha uwo mukozi w'Imana, mucubahiro.

32 Ubu rero nimurabe. Abagore, bo bashaka kugiraimishatsi imoye. Bashaka kwambara amabutura, kwisiga amarangi, kwimonora. Utwo duhuzutugufi n'ibindi ba -bambara mur'ino misi, nivyo bagomba gukora; ariko n'ubwobiri uko bakaguma bagomba kuja mu rushengero. Murabona iryo sigwa risigaimpwemu, atari umushaha. Murabona?

Avuga, ko agomba kuba Umukristo ariko kandi agakoran'ivyo bintu, hanyuma umwungere akavuga yuko ata ngorane. Rero iyo avuze ko atangorane, ngo "Urashobora kuba umunywanyi; izina ryawe rirashobora kwandikwa mugitabu canje c'ishengero hano; nta ngorane," aho rero aba ariko aramuhaakayungiro kiwe k'ikidini ngo bishike ku nyota akanovera k'umugore w'isi.Arakunda isi; arakunda akanovera kayo. Kubw'ivyo aramufitiye akayungiro, kimwegusa ari kure cane yo kuba umugore yiyumvira. Ariko ng'ivyo rero. Aho nihonakuye iki cigwa canje.

Oya, we si u -umugore yiyumvira. Iyaba yariuwiyumvira, yomenye yuko ishengero atari nryo rizomucira urubanza ku Musiw'iherezo. Ishengero ririko riramucira urubanza ubu nyene biciye ku bunywanyibwiwe, ubwizigirwa bwiwe mu mugwi arimwo n'amashirahamwe. Uyu musi barikobaramucira urubanza bisunze ivyo. Ariko Imana Igiye kumucira urubanza ku Musiw'iherezo. Ku bw'ivyo we ntiyiyumvira.

33 Ni nk'umuntu anywa itabi; arakunda umusogoto w'itabicane rwose kugeza n'aho ubushobozi bwiwebwo kwiyumvira bwanyikijwe n'ubumara bwa nicotine Kandi ivyipfuzo vy'uwo mugorevyaranyikije cane ubushobozi bwiwe bwo kwiyumvira kugeza n'aho azokora ivyobintu bibi mu nyonga z';Umwami, kuko yigombera kubikora; bishika ku nyotaakanovera k'umugore w'isi. Kubw'ivyo afata akayungiro k'ishengero ry'isi, agacaacamwo neza ata ngorane, neza, ata na kimwe kigoranye. Vyerekana…

Turabona rero ngaho ko ari Ukuri. Umwungere avugango, " Ni vyiza. Twebwe ntidutunga urutoke abagore bakora ivyo. Ni vyiza."Harimwo icaha gikwiye ngaho; aho biba biciye mu kayungiro kiwe bwite. Vyerekanayuko bo bacishijwe mu kayungiro ka tewolojiya. Kandi baronse akanoverak'igitewolojiya; bafise akanovera k'igitewolojiya. Ariko mu vy'ukurintivyacishijwe mu Kayungiro k'Imana. Oyaye, mushingantahe.

34 Ubu rero, nimba hariho akayungiro k'igitewolojiya kumunyatewolojiya yiyumvira, kandi hakaba hariho akayungiro k'ishengero kumunyeshengero yiyumvira, akayunguro k'itabi ku munywi w'itabi, hategerezwa nokubaho akayungiro nyakuri ahantu kanaka ku muntu nyawe yiyumvira. Kandi ImanaIrafise Akayungiro, ako nako ni Ijambo ryaYo. Ritatandukanya, kuko ari Ryo yamazi yo gutandukanyaku bw'icaha. Ubu rero, ng'ako akanovera k'umuntu yiyumvira canke umuntuw'umweranda.

Kandi iyo umuntu acishijwe mu kayungiro nk'akok'isi, a -afise akanovera k'ivy'isi. Co kimwe n'urwo ruganda rukora itabi,araronka abanywanyi benshi mw'ishengero ryiwe mukubasunikira mu kayungiro kiwe.Bavuze bati, "Hari abagore benshi baja kw'ishengero kuruta abagabo."Birashobora kuba ari uko biri. Ubu rero, birashobora kuba ari vyo koko, mu giheashobora kugenda hanyuma akikorera ivyo yigombeye. Uko ni ukuri. Azokora,aziyunga n'ico arico cose, ariko yaciye mu kayungiro k'iryo shengero. Iyo azakuba yacishijwe mu Kayungiro k'Imana, yari kugasohokamwo atandukanye n'uko ari.Murabona? Ntiyari gushobora guca mu Kayungiro k'Imana hanyuma ngo akavemwoafise imishatsi imoye. Ivyo ntavyo yoshobora gukora namba.

35 Ubu rero ibi bihava biba u -umururazi gato kumbureku muntu kanaka. Ariko iyo atanguye guca mu Kayungiro k'Imana, hanyuma hakabahavugwaMwo ko badakwiye kumwa umushatsi wabo, aho rero (iki?) aca asigara kurundi ruhande. Nimba vyaravuzwe yuko ari icaha ko umugore akora ikintu nk'ico,kandi ko yiteza isoni iyo abikoze.

"Nimba ari vyo agomba," niko avuga, "neza, niyimosheumushatsi wiwe."

Aca rero avuga ati, "Niyiharanguze rero." Yongeraavuga ati, "Turazi yuko ari ibiteye isoni ko umugore yiharanguza." Avuga ati,"Kubw'ivyo rero niyitwikire umutwe wiwe." Kandi umushatsi wiwe niwo mwitwikirowiwe; atari inkofero, mupfasoni. Umushatsi wiwe niwo mwitwikiro wiwe, nikoBibiliya yavuze. Neza. Vyerekana yuko ari Umunaziri ku Mwami. Umushatsimuremure, ku mugore, usigura Umunaziri ku Mwami. Ubu rero, turabona yuko ukwoari ukuri.

Ariko turabona yuko uwo muntu yiyumvira, nk'ukoyitwa mw'isi, ashobora kunywa itabi akaguma yironkera akanovera kiwe,yotegerejwe kugira ukwiyumvira gukwiye kugira ngo amenye ko ariko yironkeraumusengesenge uvuye mw'itabi gusa. Ariko ikihari gusa, ico bakora, niukumugurishako ryinshi, batume agura itabi ryinshi.

36 Akayungira k'ishengero nako kazana abanywanyi n'ibindink'ivyo mu gihe babareka bakarengana n'ivyo ari vyo vyose ariko bakaguma ariabanywanyi b'ishengero, gurtyo bakironkera abanywanyi benshi. Vyogenda gutehamwe twoja mu mashengero kur'uno mugoroba tukayungurura abantu bose,tugakuramwo abo bose atari Abakristo nyakuri bavyawe n'Ijambo. Ubutumwa bwinshibwosigara bubwirwa impome kur'uno mugoroba, ni ukuri, kuko vyoba vyacishijwemuri ka Kayungiro.

Kandi nimba hari icipfuzo kimwe mfise mu mutimawanje, kandi nkaba nizigira yuko n'uwundi wese

ariko aranyumviriza nawe afisenk'ico nyene, ni iki: "Mana, ncisha muri ka Kayungiro kaWe." Nk'uko Dawidiyavuze, "Nungerageze,unsuzume, maze urabe nimba hari ikibi kindimwo, uheze ukinkuremwo, Mwami."Murabona? Jewe ngomba Akayungiro k'Imana. Sinezwe ivy'isi ikora, ivyo ishengerorifise; ngomba kuba umuntu yiyumvira, nkiyumvira kuri Umwe ngiye kuzohagararahampande umwe mur'iyi misi, kubw'Urubanza.

37 Nimurabe, uruganda ruhingura itabi rubikora kugira ngorugurishe itabi ryinshi; ishengero ribikora kugira ngo rironke abanywanyibenshi. Umugore yimosheje umushatsi, yambaye ibutura, ntiyorengana mu Kayungirok'Imana. Ntiyoshobora kugacamwo na mba, n'imishatsi imoye, kuko Bibiliya yavuzeyuko atotegerejwe kubikora. Aba atetereje umutwe wiwe iyo abikoze. Ivyotwabwirizwa kubimenya. Ariko araca mw'ishengero ata ngorane, n'abo bandi bosebasigaye. Mpora mpagarara rimwe na rimwe…

Si ukuburira isoni umuntu n'umwe; sinigera mvugaubwanje ku muntu n'umwe mu buryo bw'umwihariko, ariko ni icaha mw'ishengero.Mwonshingira intahe kur'ico. Sindigera mvuga ngo, "Umwigeme naka niuku n'uku, canke ngo Umushingantahe naka,canke ngo Pasitori naka ni uku n'uku."Oya, mushingantahe. Jewe mvuga yuko icaha ari icaha. Nimba kiri mu muryangowanje, kiri muri jewe, kiri mu wo ari we wese, kiguma ari icaha. Si nk'umuntuku giti ciwe, jewe simvuga ndwanya abantu ku giti cabo. Mvuga ndwanya icaha.Sindaba ngo ni jewe canke uwundi uwo ari we wese, iyo umuntu atanguye guca muKayungiro k'Imana, buri caha kica kikuzibirira aho nyene.

38 Nimurabe. Ariko umugore agomba kumwa umushatsi nokwambara ibutura, canke kwiraba amarangi n'ibindi vyose, arashobora guca nezamu kayungiro k'Igipentekoti mu buryo bworoshe neza nka mwaramutse, nta ngoraney'ivyo, agaca atera yigira ubudakebuka mu rupfu. Kuko, we a…Avuga ati, "Neza,nta kibi kiri mur'ivyo."

"Nimba mukunda isi canke ibintu vy'isi, ni ukourukundo rw'Imana rutari no muri mwebwe."

Biciye rero mu mohora w'iyi mpwemu, arashoborakumanura mu mushaha wiwe, ibintu bitari ivy'Imana kandi binyuranye n'Ijambory'Imana, nimba ivyo bijanye n'akanovera ko mu mushaha wiwe. Birashobora gucamu guhonja; kubona, guhonja…Birashoboraguca mu kwiyumvira, mu kwibazabaza, " Nta kibi cavyo. Ndafiseakanovera. Ndafise inyumviro. Ndumva yuko ibi ata ngorane yavyo." Arashoborakubimanura gurtyo biciye aho, gushika mu mushaha wiwe, nimba umushaha wiwe ariuw'ubwo bwoko. Ivyerekana yuko atariko aravoma acishije mu Kayungiro k'Imana.

Ariko nimba afise imishatsi imoye, yisize amarangi,yambaye amabutura, amapataro, bituma asa n'umugabo, ubwo bwoko bw'amabuturamaremare canke uko bavyita kwose; bavuga ibintu nk'ivyo vyose, bakora ivyobintu, bakabaho kubw'isi, azoca agoma; ntashobora gucaMwo. Oyaye,mushingantahe. Bizoca bimuhagarikira mu ntango.

39 Nimurabe, umugabo ariko araraba ku minwa yiwe itukuratukutuku no mu maso hiwe hasizwe amarangi, n'amabutura n'u -n'uduhuzu tw'impenereza, n'ibindi vyoseafise; umugabo yiyumvira neza vy'ukuri ntamuraba. Ariko, umugabo w'umunywanyiw'ishengero we aramuraba, akanamushima. Ariko jewe uko aboneka ku jisho ntacobimbwiye, umugabo yiyumvira aca ahindukiza umutwe wiwe. Kubera iki? Aba yaracishijwemu Kayungiro k'Imana, kandi aba azi yuko kumwitegereza ari ugusambana nawe mumutima. Ntiyiyumvira ko ari mwiza.

Ngo avuge ati, "Mbega umukobwa mwiza!"

Oyaye kuri we si mwiza. Ku muntu yiyumvira, uwo niYezebeli ashisha kuraba, umutindi mubi. Umwana w'Imana amuraba n'isoni zokubona ari no mu muryango umwe na we. Ukwo ni ukuri. "Ni gute uyo ashoborakwitwa mushikanje hanyuma akifata artyo?"

Murabona, we yaciye mu kayungiro kamwe, na we acamu kandi. Ntashobora kubona ko ari mwiza, haba namba. Ubwo si bwo bwiza ku muntu nyawe w'Imana.

40 Nimwibuke, igihe kimwe imbere yuko Amaraso ya YesuKristo ahinduka Akayungiro, nk'uko tuza kubishikako mu kanya gato, "Abanab'Imana bitegereje abakobwa b'abantu, babona ko ari beza, baraheza bitoranirizamwo abagore babo."Imana ntiyigeze iharira ico kintu. Vyarongeye gushika kandi, mu rugendorw'Abisirayeli, kandi Imana ntiyigeze ibaharira namba. Bose barahonye.

Akayungiro k'umuntu yiyumvira!

Nari mvuye mu gikorane hano; hanyuma hariho agapfahungu kari gahagazeaha inyuma y'urusengero umugoroba umwe, kambwiye, haraciye nk'ivyaka itatucanke ine ivyo bibaye, kavuga gati, " Igituma uvuga uko, ni uko uriumutama." Kavuga gati, "Je mbona aribeza."

Nca mvuga nti, "Ego biraboneka." Umuravye gusa uko yari,warashobora kubona ico yasa naco. Nca mvuga nti, "Hinge ndakubwire ikintukimwe. Ufise imyaka ingahe?"

"Hafi imyaka mirongo itatu."

Nca mvuga nti, " Igihe nari nkiri muto kuri weweimyaka cumi n'itanu, niyumvira uku nyene niyumvira." Neza. No kugeza ububiracari umwanda!

Akayungiro k'umuntu yiyumvira!

41 Ubu rero nimurabe,yarabaye, ivyiyumviro vyiwe vyarayunguruwe biciye mw'Ijambo ry'Imana,Akayungiro k'Imana, ntazomuraba. Ntazobona ko ari mwiza; azobona yuko ariYezebeli. Azomenya ko, inyuma y'iyo minwa itukura hari amenyo y'ubumarabw'inzoka yohava amukomora. Bibiliya nayo yavuze iti, "Amarembo yiwe ni inzira ijana i kuzimu; kandiumuntu ayacamwo ameze nk'impfizi igiye mu macuniro." Ng'ako Akayungirok'umuntu yiyumvira. Mwipfuza iki? Iyo umugore amanutse mw'ibarabarayambaye gurtyo, hanyuma namwe mwa bagabo mwe mugaca muhindukiza umutwe,mukaguma mweraguza amaso irya n'ino nk'uko, ntimuba muriko murakoreshaAkayungiro k'umuntu yiyumvira. Kuko, iyo mukoze ivyo, muba muriko murasambana,kuko ka Kayumgiro kavuze gati, "Umuntu wese araba umugore akamwipfuza abayamaze gusambana na we." Hindukiza umutwe wawe, muntu yiyumvira we. Ja kureyiwe. Si mwiza. We ni inzoka; uko ni ukuri, yigonyonzora nkinzoka, akorank'inzoka, agakomora nk'inzoka. Numwirinde.

42 Ôo, egome,Ijambo ry'Imana ni ryo Kayungiro k'umuntu nyiyumvira. Uwo ari we wese ivyoarabizi. Iryo niryo umushaha wanyu uyungururwa ucishijwemwo, Ijambo ry'Imana.Kandi ivyo bituma, iyo muje muciye mu Mana… Iyo umuntu yiyumvira aje aciye muKayungiro k'Imana, bica bimuha akanovera k'umuntu mweranda. Bica bigiraakanovera k'umuntu w'umugororotsi. Icivugo koko ni co.

Rero turabona ukuntu ivyo vyakorwa mu buryobw'igitutu, muri Isirayeli, kubw'ikoraniro rya Isirayeli gusa. Nico gituma, mugihe turiko turavuga ibi kano kanya, hamwe abakozi b'Imana hoba hari icobatemera cavuzwe; ibi biraba ikoraniro ryanje iry'Umwami Yampaye ngo -ngondaribwire Ubutumwa.

43 Nimurabe mu Kuvayo 19, ngomba yuko muhasoma nimwatahamuhira, mufise akanya gakwiye. Nimurabe, igihe Isirayeli yaba yakoze icaha,ubwa mbere bafata ishashi y'inka y'akagajo itigeze gushirwako ingogo kw'izosi.Ivyo bisobanura ko itaba yarigeze iboherwako ingogo n'ikintu na kimwe.

Kandi yabwirizwa kuba ari iy'akagajo. Ibararitukura ni i -ibara ry'impongano. Murazi, ubushakashatsi burazi ko iyo ufasheigitukura hanyuma ukaraba igitukura urabiye mu gitukura nyene, bica vyera.Uravye ucishije mw'ibara ritukura, ukaraba igitukura, bica vyera. IrabaIcishije mu Maraso atukura y'Umwami Yesu, hanyuma ivyaha vyacu bitukuratukutuku bigaca vyera nka shelegi ; igitukura ucishije mu gitukura.

Hanyuma iyo shashiyaca yicwa mu gihe c'umugoroba, n'ikoraniro ryose rya Isirayeli.

Hanyuma hacahashirwaho imirongo indwi y'amaraso yayo kw'irembo ry'aho ikoraniro ryoseryabwirizwa kwinjirira ; igitutu ca vya Bihe Ndwi vy'Ishengero, biciye ku Maraso.

44 Hanyuma rero baca bafata umubiri wayo bakawuturira.Yaturiranwa n'ibinono, n'urusato, n'ivyo mu nda, n'amayezi. Vyose vyaturirirwahamwe.

Hanyuma vyategerezwa kwegeranywa n'umuntu adahumanye,bigashirwa mu kibanza cejejwe hanze y'ikoraniro. Kubw'ivyo, ese iyoab'Isirayeli bari gushobora gusa kubona ico gitutu! Iri Jambo ry'Imanantiritegerezwa gutobangwa n'iminwe icafuye y'ukutizera. Ategerezwa kuba umuntuyejejwe. Kandi nimba yejejwe, ni uko yategerezwa guca mu Kayungiro k'Imana.

Umuntu yejejwe, ibiganza vyejejwe, kandi vyategerezwakubikwa ahantu hejejwe; atari aho ba Yezebeli, na twa tugabogabo, n'ibindivyose bija mw'isangira; bagasangira ingaburo yera n'ibindi, mu gihe bagendabiruka inyuma y'abagore b'abandi, n'abagabo, n'ibintu vyose vy'ubucafu; baja muntambo n'imisi mikuru, no kumwa imishatsi, no kwambara amabutura, n'ibindivyose, hanyuma bakiyita Abakristo. Bitegerezwa kubikwa ahantu hejejwe,bikanafatwa n'iminwe yejejwe.

Hanyuma rero igihe baba bacumuye, hanyumabakemanga ko bakoze nabi, ico gihe rero baca bacucagirwa umunyota w'iyo shashiy'inka, kuri bo. Ayo niyo yari amazi yo yo guhumanura, ugutyororwa icaha.

45 Nimurabe. Ng'ibi! Igihe Ab'Isirayeli, imbere yukobashobora kuza mw'isangira mu gusenga, bategerezwa ubwa mbere kubanza guca mumazi yo guhumanura. "Ugutsindanishirizwa biciye ku kwizera; kuva ku kwumva,kwumva Ijambo."

Hanyuma rero bagaca binjira mw'ikoraniro musi y'iyomirongo indwi, amaraso, kugira vyerekane yuko hari ikintu capfuye kikabitangiraimbere, kubw'ivyaha vyabo. Bahumanurwan'ukwumva Ijambo, amazi yo guhumanura,bagaca babona kwinjira rero mw'isangira.

Ahantu honyene Imana Yahurira n'umuntu hari musiy'urwo rutonde. Nta handi hantu na hamwe Yashobora guhurira na we. Yategerezwakuza mur'urwo rutonde. Imana Yahurira na Isirayeli ahantu hamwe honyene.

Kandi Imana Ihurira namwe uyu musi ahantu hamwe gusa,aho naho ni muri Yesu Kristo; uwo na We Akaba Ari Jambo, ya mazi yo guhumanura. Kandi AmarasoyiWe yasheshwe ku bwa vya Bihe Indwi vy'Ishengero vyose. Hanyuma rero, biciyekuri Mpwemu Yera, tuca twinjira mur'iryo sangria, rihabwa Ishengero gusa. Oh,ese ukuntu Ahambaye!

46 Ubu, kandi, dushaka kuraba mu Banyefeso 5:26, havuzehati, "Ni ukuryogesha amazibiciye kw'Ijambo," amazi yo guhumanura. Akora iki? Hanyuma, Akayungiro k'Imana ni Ijambo.Amazi yo guhumanura,"Ukwozwa n'amazi, yo guhumanura, biciye kw'Ijambo," Akayungiro K'Imana.

Rero, ntimushobora kuza muri Kristo muciye mukayungiro k'ishengero. Ntimushobora kuza muciye mu kayungiro k'ikidini cankeakayungiro ka ndemera. Hari Akayungiro kamwe rudende, ako mushobora kwinjiraaho hantu hera muciyemwo, bica "mu kwozwa n'amazi biciye mw'Ijambo." Ijambory'Imana niko Kayungiro k'umuntu yiyumvira.

47 Ishengero rizogucira urubanza hano ko uri umunywanyimwiza, canke utari we. Bazokugirira amaziko meza, baduze amabendera kugerahagati ku rupfu rwawe, barungike ingori nyinshi z'amashurwe kandi - kandibagukorere ivyo ari vyo vyose. Ariko ku bijanye n'umushaha wawe ubwirizwaguhura n'Imana, utegerezwa kuba ufise Ubugingo Budashira. Kandi nimba ariUbugingo Budashira, ni igice c'Ijambo. Kandi nk'uko ijambo ryanje bwiteridashobora guhakana…

Ikiganza canje bwite nticoshobora guhakana ikiganzacanje. Amaso yanje bwite ntiyoshobora guhakana ikiganza canje, canke ikirengecanje, canke ino ryanje, canke ikindi gihimba na kimwe canje. Ntibishoborakubihakana.Nk'uko nyene n'umugabo canke umugore ari igice c'Ijambo ry'Imanantashobora guhakana igice na kimwe c'Ijambo ry'Imana. Rero, bagore, mugihemwibaza ko mushobora kumwa umushatsi hanyuma mukaza mu Nyonga z'Imana,murihenda. Murabibona? Murihenda; ntimushobora guca mu Kayungiro k'Imana ahomwozwa n'amazi y'Ijambo. Niho rero muca mwinjira mw'isangira. Mwibaza yukomwogejwe, ariko ntimushobora kwozwa kugeza muje muciye mw'Ijambo, na buri gacekose, buri Jambo rito ryose ry'Imana. "Umuntu ntazobeshwaho n'umutsima gusa,ariko na buri Jambo ryose." Bitegerezwa guca mur'uko kuyungurura, guca ngaho.Kandi ivyo bitanga akanovera k'umuntu agororotse, kuko ico kiba arico arikoararondera, arondera ikintu kanaka co kumweza.

48 Ijambo, Ijambo ry'Imana niko Kayungiro k'umuntuyiyumvira, kandi Ritanga akanovera k'umuntu agororotse. Turazi yuko ari ukuri;rirayungurura icaha cose c'ukutizera rikagita hanze. Nta kutizera kuba kukihariiyo muciye mur'ako Kayungiro, kuko ari akanovera k'uwizera nyakuri.

Uwizera nyakuri agomba kugororoka, uko vyomera kwose.Ntgomba kuvuga gusa ngo, " Neza, jewe ndi uwo ku rwego rwo hejuru mu kibano.Ndi mw'ishengero, ishengero rinini kuruta ayandi mu gisagara." Jewe sinezwenimba ari misiyoni kanaka iri ku mfuruka y'ibarabara, nimba ari igikorane co hanze, ahantu kanaka, umuntuyiyumvira arazi yuko azotegerezwa guhura n'Imana. Kandi naho ishengero ryovugaiki, canke naho uwundi muntu wese yovuga iki, ategerezwa kuza yujuje ibisabwan'Imana. Ibisabwa n'Imana navyo ni Ijambo ry'Imana.

"Neza," bavuga bati, "Ijambo ry'Imana"

Koko, bose barizera ko Ari Ijambo ry'Imana, ariko nonembega murashobora kuyungururwa na Ryo? Ni gute wocisha umugore amoye umushatsimuri Ryo ngo arengane? Ivyo mwobikora mute? Ni gute mwoRicishamwo umugaboadashobora gushigikira iyi Nyigisho? Murabona?

Ako si akanovera k'umuntu yiyumvira. Oya. Umuntuyiyumvira azokwiyumvira, umuntu yiyumvira azobanza kwiyumvira kabiri imbereyuko atarukira mu kintu nk'ico.

49 Nimurabe, iryo Jambo ntishobora kwihakana ubwaRyo. Hanyumabirahazwa, canke ni icipfuzo. Ni icipfuzo c'iki ? Ni igiki gituma Ivyouvyipfuza, ubwa mbere hoho ? Ni uko hariya imbere mu mushaha hariyoakabuto katoranijwe ako kakaba kari Ubugingo Budashira, kamye karyamye ngaho,kamye kari aho. "Abo DataYaMpaye bose bazoza kuri Jewe. Nta n'umwe muri bo azotakara."

Akanovera k'umuntuyiyumvira, iyo umuntu yiyumvirayumvise Ijambo ry'Imana, "Intama zanJe zumva Ijwi ryanJe, uwo zitazintizimukurikira," kuko hariya mu bwina hariyo Ubugingo, kandi Ubugingo bufatanan'Ubugingo.

Icaha gifatana n'icaha, kandi icaha ni ikiryarya canekugeza n'aho cibaza ko cakijijwe candi kitarakizwa. Kiri mu bwina bw'imbererwose bw'uburyarya.

Abanywanyi b'ishengero bishakira akayungirok'idini kugira ngo bashobore kwironkera ivyo bipfuza bo ubwabo kandi bagumebaharurwa nk'abantu "basenga." Urabumva bavuga ngo, "Oo, arasenga cane."

50 Muri Afrika, nari hariya umunsi umwe, kandi barikobaravuga kur'ibi, abana bamwe bariko baravuga kur'iyi miziki y'isi iyo ElvisPresley n'abo bandi baririmba, Pat Boone n'abo bandi bose, Ricky Nelson n'abandibose. Nca mvuga nti, "ni umurwi w'abahemu."

Umukobwa umwe aca avuga ati, "Kuki, ko mbona asengacane."

Nca mvuga nti, "Uko niko na Yuda yari ameze."Mvuga nti, "Yuda yarose intete z'ifeza mirongo itatu gusa; Elvis Presleyyaronse amamiliyoni menshi y'amadorari." Murabona? "Bompi bagurishije ubufurabwabo," Murabona? Nca mvuga nti, "Ntaco bama-…ni bo rukozasoni rukomeye caneiri hanga ryigeze kugira." Ariko, mu buryo bw'uruhendo nyene nka ka kayungirok'itabi, ayo madini arareka abo banywanyi bakinjira. Ntibanategerezwa kuba…Hategerezwa kubaho itegeko ryuko batoririmba indirimbo z'Imana. Biranyuranye…vyategerezwa kuba bihonyanga amategeko k obo babikora.

Ariko vyose vyahindutse ikirundo kininiya kimwec'uburyarya, kandi aho niho bageze uyu musi. Akayu-… [Agace katavuga kuri bande-Umw.] k'ukuri kubw'umushaha, kavuga gati, "Nimwakunda isi canke ibintu vy'isi,urukundo rw'Imana ntiruzoba rturi no muri mwebwe."

51 Murabona, ntimushobora -ntimushobora kuvuga korock-and-roll ari iy'isi…nako ko ar'iy'Imana. Rock-and-roll ni iy'isi. Intamboiyo ariyo yose mur'izo n'ivyo vyose biyunguruwe…bisesemye biteye ishishi, nako,ni ivy'isi. Vyose ni ibintu vy'isi.

Ntushobora kuvuga yuko imishatsi imoye ku mugore ariivy'Imana. Bibiliya ivuga ko atari vyo, kubw'ivyo ni umucafu w'isi. Kandi nimbamukunda n'agace na gato k'ino si, urukundo rw'Imana ntiruri no muri mwebwe.Murabona?

Ni iki? Neza, niigiki kibikwega? Ni ikintukanaka kiri hariya imbere gikwega. Umushaha urakwega ibikenewe kuva hanze,bigaca mu mpwemu, bigashika mu mushaha. Kandi iyo umushaha ukunda isi, ubawarapfuye. Uko aha hoba hasizwekwose, ni ngaha hanze, n'ingene aha hanze hagororotse; ngaha imbere warapfuye. "Kuko uwukundaisi canke ibintu vy'isi, urukundo rw'Imana ntiruba ruri no muri we," naho yobaari uwusenga gute.

Akayungiro k'ukuri, mur'ubwo buryo, kazo-kazokuramwo ivyo bintu vyose maze karekure gusa ukuri kw'Imana, Ijambo, mumushaha nyawo w'ukuri.

52 Bameze nka Esau, bameze neza inyuma. Esau yarasenga kuvy'inyuma. Ku bijanye n'ugusenga, vyasa n'uko yasenga no kurusha Yakobo. Yasan'uko ari umuntu mwiza kuruta Yakobo, ariko imbere muri we, ico yari ari. Kuvy'inyuma yari umusenzi, ariko ukwiyumvira kwiwe ntikwari kuyunguruye.Ntiyiyumviriye neza ku bijanye n'ubufura. Nti -ntiyiyumviriye yuko Imana,uburenganzira bw'ubufura bwari bufise agaciro nk'ako Imana yari yaravuze kobufise. Ng'uwo yari ngaho, avuga ati: "Ndisonzeye, ivyo vy'uburenganzirabw'ubufura vya kera bimariye iki? Nubutore nimba ubukeneye." Oh, bagenzi!Murabona?

"Ndaja gusenga; nanje meze neza nk'uko nawe umezeneza. Idini ryanje nico kimwe na…Kuki, ni rimwe muri manini cane kw'isi. Mamawanje yari muri ryo. Data yari muri ryo. Ibivyose, birya, na biriya. Umwungere wanje yarize; arafise ibi na biriya. Ivyo bituma aja kure y'Imana kurushiriza. Ako si ko kayungirok'umuntu yiyumvira. Iyaba kari ako, ni gute Petero yari kwigera aba icoyabaye, we atari ashoboye no gusinya izina ryiwe? Ariko yari afise Akayungirok'umuntu yiyumvira. Nimurabe. Ôo, bagenzi!

53 Esau yiyumvira ko ubwo bufura butari bufise agacironk'ako Imana Yari Yavuze ko bufise. Iryoniryo ryari itandukaniro hagati y'Ubugingo n'urupfu. Ni nako bimeze kuri Eva nokuri Yuda, bagurishije ubufura bwabo kugira ngo bironkere akanovera k'ubumenyibw'iterambere. Ico nico catumye neza na neza Eva agurisha ubufura bwiwe.Yabugurishije kubw'akanovera gato k'ubushakashatsi, akanovera gato k'ubumenyibw'isi, ishengero ryiza cane gato, umugwi w'abantu beza gato, niko twovyita uyumusi. Murabona?

Hanyuma Yuda yagurishije ubufura bwiwe kubw'intetemirongo itatu z'ifeza, kugira yironkera amadorari make yandi. "Ikoraniro ryanjerirashobora kumpemba neza hano, rero nzovuga Ubutumwa hano nyene." Murabona?"Rero, hamwe nohinduka umuvugabutumwa, neza…"

54 Bavuze bati, "Mwene Data Branham, turizera yuko ubwoButumwa ari Ukuri, ariko ntidushobora kuBwemera. Tubwemeye, none, twocatuBuvuga he?" Huu! Isi yose, mwene Data, ni paruwasi. Ata nkeka. "Neza, ntan'umwe muri bene Data yonshigikira." Si -siniteze ko hari mwene Data n'umweanshigikira. Niteze yuko Yesu Kristo ari We Anshigikira, kuko We YaBubumbatiye.Ni We YaBivuze.

Kandi igihe bwa bufura nyakuri, ya Maraso,bwayungururwa n'Ijambo; icaha cose, n'isi, n'ishengero, n'amadini,n'utudumbidumbi, bisigara hanze. Inyigisho, iterambere, ishengero, idini,umukorere, icaha c'uburyo bwose bisigwa hanze iyo umuntu yiyumvira afasheAkayungiro k'umuntu yiyumvira, mu buryo Imana Igafata.

Nta na kimwe gisigaramwo iyo umuntu iyo umuntuacishije ubuzima bwi -bwiwe mu Kayungiro k'Imana; nimurabe, hano ubuzima bwanyubwari bwarononywe n'icaha, kuko "mwavukiye mu caha, muremerwa mu kugabitanya,muza mw'isi muvuga ibinyoma."

Ngira mvuge ikintu kimwe, nk'uko mwene Data McCulloughyahora abivuga. Nimuntege amatwi.

55 Igihe mwaza mur'ino si, mwavukiye mu caha. Ntan'amahirwe y'ukwigwanira mwazananye. "Mwavukiye mu caha, muremerwa mukugabitanya, muza mw'isi muvuga ibinyoma," mu mpwemu yanyu bwite, icipfuzoc'icaha, mwakunda icaha kuko mwavukiye mu caha. Nta mahirwe mwari mufise namba.

Ariko hariya imbere muri mwebwe, ahantu kanaka, ngahauraje, hariho ikintu kanaka hariya imbere catanguye gukwega. Nimba warabimenye,cari ikintu kanaka cakubwira ko hariho Imana ahantu kanaka; niho wasoma IjamboryaYo. Hanyuma rero ufata ishengero, ufata ivyiyumviro vyabo umaze kubwirwaibibereye kurusha, hanyuma ntiwigera ukoresha Akayungiro k'umuntu yiyumvira.Ariko iyo ukoresheje Akayungiro k'Imana, kakaba ariko kayungiro k'umuntuyiyumvira, kuko, "Ubundi buyungiro bwose buzovaho ariko Akanje ntikazovaho."Kandi iyo ufashe Akayungiro k'Imana hanyuma ukayungurura ubuzima bwawe,ivyipfuzo vyawe; iyo uyunguruye ivyipfuzo vyawe mu Kayungiro k'Imana,Akayungiro k'umuntu yiyumvira, nta kindi gisigara kiretse Mpwemu Yera.

Rero, nimba mugomba ikimenyamenya ca Mpwemu Yera,ng'ico. Igihe uwo mushaha wawe uzofatana n'Ijambo ry'Imana, mu bintu vyose,bica vyerekana yuko wayunguruye ubuzima bwawe muri ka Kayungiro k'umuntuyiyumvira, Akayungiro k'Imana."

56 Nimurabe, mbega ako ni akayungiro k'Imana? Yavuze ati,"Twogejwe n'amazxi y'Ijambo."

Kandi igihe Imana yaha Adamu na Eva Akayungiro, muririya Tongo rya Edeni, Yavuze Iti, "Ntimuzocishemwo na kimwe co mur'iki." Ariko atani yaciye aGatoboramwoigitoboro, avuga ati, "Ôo, ni gato cane, nta kibazo kaza guteza." Vyasavye imarimwe gusa, ko ricamwo, nico vyasavye gusa ngo bizane urupfu mu bwoko muntu.

Ico nico bisaba gusa, guhonja rimwe gusa ku bumara bwa nicotine,hanyuma ivyabo bikaba birangiye.

Nta kindi na kimwe gisigara kiretse Mpwemu Yera.

Hanyuma rero ivyo vyerekana yuko muri wewe harimwoka kabuto katoranijwe imbere muri wewe, gatuma ugira inzara y'Imana. "Abo DataYaMpaye bose, YaMpaye ngo Ndabacungure; bapfanye nanje i Kaluvariyo; bazukanyenanJe mw'izuka; abo YaMpaye bose, bazoza kuri jeWe. Bazoshirwa muri wa Mubiri,aho ikirenge, ukuboko, izuru, umunwa, ico ari co cose; bizoshirwaMwo. Kandibazoza kuri jeWe mu bihe vyabo." Ôo, bagenzi!

57 Ng'uko ngaho kwa kuyungurura nyakwo kw'icaha cosec'isi, ugukunda isi nakwo kwapfuye, kandi uwu mushaha nawo ugakwega ikintukimwe gusa. Ng'ibi ngaha, ntimu… Nimwibuke! Ntimuvyibagire. Mwese muri hiyohanze ku materefone, nimushire bino mu mitima yanyu. Iyo umuntu yiyumviraatanguye kwiyumvira Uwo azohagarara imbere, n'ico Ijambo ry'Imana riri; iyoatanguye kwiyumvira, hanyuma rero akayungurura acishije mur'Ico, nta kindigishobora kwinjiramwo kiretse Mpwemu Yera.

Ni iki? Ni akagera k'ubuzima, Ijambo rubuto kuvamw'itanguriro, ko mwari mu Mana mw'Itanguriro, muhagaze hano muriko murakwegaUbugingo bwa rwa rubuto. Urubuto ruri mu mitima yanyu, biciye mu gutoranywa.Haleluya! Urubuto ruza rurimwo, biciye kukumenya kera kw'Imana, rwaratoranijwe.Kandi mu gihe rukwega, ntirushobora gukwega rucishije mu kindi na kimwe kiretseIjambo.

Hanyuma rero ako niko kanovera k'umuntu yiyumvira,umuntu agororoka, umuntu w'umweranda abona Bibiliya, yuko Yesu Kristo ari We wawundi nyene ejo hahise n'ibihe vyose. Ni igiki cinjira aho hantu hariya imbere?Iryo Jambo, niryo riri mu mutima. "Nahishije Ijambo ryaWe mu mutima wanje, kugira ngo noya kuGucumurako."

Bimeze gute, mu gihe uriko urakwega uciye mw'Ijambo?Hari ikintu kimwe conyene gishobora guca mw'Ijambo; ico naco ni Mpwemu Yera.Nico kintu conyene gishobora guca mw'Ijambo, ni Mpwemu Yera. Kandi Akayungirok'umuntu yiyumvira gatanga akanovera k'umuntu w'umweranda.

58 Hanyuma, we aba yahonjeje ibintu vyo mw'Ijuru; afiseIjambo ry'Imana mu mutima wiwe. AraRibona ryigaragaza imbere yiwe, kandiumushaha wiwe wose utekeye muri Ryo, kandi isi n'ibintu vyose bimukikuje bibavyarapfuye.

Akayungiro k'umuntu yiyumvira, w'idini; nanje ndiko ndiyumvira kw'idiniriyungurura muri kano kanya. Mu gihe Akayungiro k'umuntu yiyumviragatanga akanovera k'umuntu w'umweranda, murabona, Birahaza akanovera kiwe.Arabona yuko Yesu Kristo Ari We wa Wundi nyene ejo hahise, uyu musi, n'ibihevyose. Ng'ivyo rero. KuMubona neza imbere yacu, Akora bimwe nyene Yakora; ivyobihaza akanovera k'umuntu mweranda, ukwiyumvira kwiwe.

Aba azi rero ko yavuye mu rupfu aja mu Bugingo.Kandi arakunda, kandi -kandi -kandi irakunda isi… kwemezwa, kandi agomba koIjambo ryemezwa rigashingirwa intahe. Buri igihe araRirindira, kuko ari uwerakandi akaba afise icipfuzo co kubona Imana. Abandi bigombera gusa kubaabanywanyi b'ishengero. Uyu muntu we agomba kubona Imana. NtaYibonera mu mugwiwa za ndemera. NtaYibonera mu nanga nininini zisamirana, canke za katedarare, n'imisaraba miremire, canke incabwengezigishijwe cane hamwe

n'amadebureahindukijwe. NtaYibonera muri Tewolojiya no mu mu nyatewolojiya. Ayibonera mukwemezwa kw'Ijambo ryaYo. NaraMubonye mumbeya Ziwe zirinda

Amaso yanjeyarabonye ubwiza bw'ukuza kw'Umwami;

Ariko aganishavino ibirenge, ahabitse inzabibu z'uburake;

Yararekuyeumuravyo wo guhonya n'inkota yiWe ikarishe kandi iteye ubwoba;

Ukuri kwiWekurabandanya. (Kuzobandanya, kugeza kw'iherezo. Egome, mushingantahe.)

59 Murabona ico nshaka kuvuga? Akayungiro, umuntu…Canke,Akayungiro k'umuntu yiyumvira; umuntu yishakira guhagarara mu Nyonga z'Imana.Akayungiro k'Imana kari akahe? Ijambo ryaYo. “Umusi mwakiriyeko, uwo musimuzopfa.” Ntaco bitwaye ibiba hariya; nturengane iryo Jambo. “Twogejwe n'amaziy'Ijambo,” Akayungiro k'umuntu yiyumvira. Atari idini, atari ndemera, atariishengero, atari katedarale;ariko Akayungiro k'umuntu yiyumvira, kuko muzocirwa urubanza n'Ijambo. Umuntuyiyumvira azokwiyumvira kur'ivyo. Umuntu w'imburabwenge, canke akanovera k'isi,azofata ivyo ari vyo vyose, igisubirizi. Kuber'iki igisubirizi kandi hariho Ic'ukuri?

60 Nimwiyumvire, nimuvyiyumvireko gato gusa umunota umwe.Umugore avuga mu ndimi, n'imishatsi imoye n'irangi ritukura ku munwa, hanyumaishengero rikaguma ryumiye kuri vyo, yuko ari co kimenyamenya ca Mpwemu Yera.

Canke umuvugabutumwa avuye mw'iseminari cankeishure rya Bibiliya kanaka, bakoresha umubatizo w'ubutatu, canke bakagiraimyumvikano kw'Ijambo, kubwa nemera kanaka canke idini kanaka. Mbega ako niAkayungiro k'umuntu yiyumvira? Atari nk'uko ndabibona, mwene Data. Ni umuntuw'imburabwenge ashobora gukwega acishije ngaho. Uko ni ukuri. Murashoborakwibaza ivyo? Aho gukoresha Ijambo ry'Imana nk'Akayungiro kubw'umushaha wiwe; akarekaiyo nemera yak era n'amadini bikamurundanako nk'uko, aho gufata Ijambo ry'Imanank'Akayungiro. Hanyuma rero agaca yandura wese, akabareka bakamwinjizamwoinyigisho z'umuntu, bakora ibintu vyo “kuzimiza hafi n'Abatoranijwe ubwabo,”bagafata minenerwe Ijambo.

Mu gihe, ashoboye gukwega kubw'umushaha wiwe, nimbahasanzwe harimwo ikintu muri wo co kukwega. Ariko nimba rwa rubuto rwatoranywakuva kera… Ibi ntibibacike. Nimba rwa rubuto rwatoranijwe ata rurimwo,ntuzokwega uciye muri Ico, kuko uzokwega kubwo ivyipfuzo vyawo.

61 Nimba umunywatabi ashaka akanovera k'umunywatabi,kandi hamwe yoba afashe inkoni…tuvuge, “Unka urutoke rwawe,” maze agahagararangaho ariko yonka urutoke rwiwe. [Mwene Data Branham ariko yonka urutoke rwiwe, mukwerekana akarorero -Umw.]

Kuki, yoca avugaati, “Ubu ni ubujuju.” Kubera iki ? Akanovera kiwe kari mu bumara bwa nikotine. Kubw'ivyowe si umuntu yiyumvira. Murabona? Ariko muravuga muti, “Neza, jewe simponja,nta na kimwe nzohonja. Ngomba guhonja i…Ngomba guhonja itabi. Nta na kimwemponja.”

Numuhe igipesi c'impuzu hanyuka ureke kibe aricoanununuza. Murabona? Koko, mureke anunuze ico. Aca avuga ati, “Nta kanovera nambanumva.” None uriko ukinunuriza iki, rero? Ufise icipfuzo co guhonja ubumara bwanikotine.

Kandi iyo muriko muranunuza kuri nemera y'ishengero,hanyuma mwa bagore mwe mukaguma mumwa imishatsi, musiga amarangi mu maso,mwambara impuzu z'urukozasoni; namwe bagabo mukabitegereza, n'ivyo bindi bintuvyose, hanyuma mukitwara nk'uko mwitwara. Ni ibiki? Ni igikikiri imbere? Isi iracabarimwo, kandi murafise akanovera kavyo. Mubikwega kugirango mwironkere akanovera.

62 “Nja mur'iri shengero ; ntibigera bavugaico kintu. Ibi nta na kimwebabivugako, nta na kimwe bavuga kur'ivyo.Nta na kimwe mur'ivyo bintu kivugwa. Umuvugabutumwa wacu afise ivyiyumviro vyagutsecane kurusha ivyo. Twe ntituvuga ibintu gurtyo.” Ni ibiki ? Mwifitiyeakanovera k'isi muriko muranunuza. [Mwene Data Branham akubise ku gicaniroincuro nyinshi -Umw.] Ni ukuri !

Ariko umugoreyiyumvira ntazofata ikintu nk'ico. Arazi yuko ategerezwa kuba uwera. Kandi ikintu conyene mushobora gukwegagiciye mw'Ijambo ry'Imana ni Mpwemu, Ubushobozi butanga ubugingo, kugira ngobitumen Ijambo ubwaRyo, riri muri mwebwe, riba rizima ngo rigaragaze YesuKristo mu gihe mubayemwo. Heleluya! Mwene Data, nimba ukwo atari Ukuri, sinziUkuri ukwo ari kwo. Nzoba narataye ubwenge nimba ukwo atari Ukuri.

Ni Ijambo ubwarYo mu mutima wanyu, ryatoranijwengaho kuva kera, rikwega. Rigaca ricira iyo si; ntiriyikeneye. Ariko iyorishitse ngaha mw'Ijambo, rica ritangura gukwega. Kandi iyo rikweze biciyemw'Ijambo, ntigishobora kuba ikindi kintu kiretse Mpwemu Yera Aha ubukuba iryo Jambo.

63 Rero Akayungiro k'umuntu yiyumvira, asenga ni Ijambo,kandi rishika ku nyota ako kanovera keranda kari mu mutima wiwe; akayungirok'umuntu yiyumvira, akanovera k'umuntu mweranda. Ôo, bagenzi,turi mu

bintu bimeze gute!

Aho gukoresha Akayungiro k'Imana kubw'umushahawiwe, ariko arareka Satani amuhendesha n'amadini na za nemera kanaka, neza naneza nk'uko za nganda zikora itabi ziriko zirabahenda mwebwe bantu munywaitabi. Muronka abandi banywanyi benshi,nta kindi.

Ôo, rekamperaheze mu minota mike, mvuga ibi.

64 Lawodikiya uhumye! Ni gute tuba impumyi bigeze hiyo?Lawodikiya y'impumyi we, mwebwe murongora impumyi za kino gihe, musiy'ivyitwazo vy'ibinyoma, musi ya za nemera z'ibinyoma, musi y'imitegekerey'ibinyoma, musi y'amadini y'ibinyoma, musi y'ibitabu vya nemera vy'ibinyoma. Ôo, eweLawodikiya y'impumyi we, urongora impumyi, mwese muriko mugana mu manga!

Hindura akayungiro kawe kur'uwu mugoroba,muvugabutumwa. Ntukwegere ubwo bumara bwa nicotine y'ikidini mu mubiri wawe,y'imitegekere na za nemera, aho Yesu Yavuze Ati, "Uwuzokwongerako n'Ijambo narimwe kuri Vyo, canke akagabanya n'ijambo na rimwe kuri Vyo." Iyo ubwiyeikoraniro ryawe ko ari vyiza ko abagore bakora ivyo, n'abo bagabo gukora ivyo,n'ibi bintu vyose, ivyo na biriya bindi; kimwe gusa bagume ariabizigirwa kur'ibi kandi bakore birya, kandi ngo bitondere izo nemeran'ibindi, mbega nta n'isoni wumva?

"Mwa mpumyi z'Abafarisayo mwe," Yesu niko Yavuze.

65 Nk'uko Yesu Yasemereye Ati, "Mwa mpumyi z'Abafarisayomwe, " Mpwemu Yera mu mutima wanje bwite kur'uno mugoroba Ariko Arasemerera,"Ewe Lawodikiya y'impumyi! Ni kangahe Imana Yari kuba Yaguhaye umuvyuro! Arikonone ubu igihe cawe kirashitse, wamaze gukererwa ubu. Ni kangahe washinyagurijeugahindura agatwengo abo Imana Yagutumyeko! Ariko ubu igihe cawe cageze. Ôo, Amerika, Amerika, nikangahe Imana Yagomvye kukubundikira nk'uko i -inkoko ikora ku miswi yayo,ariko ntiwakunda."

Amahanga ariko arashwanyagurika. Isi irikoirahomvagurika. Igice kinini, gipima mayili igihumbi n'amajana atanu[Ibilometero 2.400 -Umus.] z'uburebure na mayili amajana atatu canke amajanaane [Ibilometero 480 canke 640] z'ubwaguke, kizonyika musi y'amazi, ku bwinabw'intuze ijana… canke kumbure kuri mayili mirongo ine [Ibilometero 65] uja mukuzimu, muri kiriya gihomoka hariya, umwe mur'iyi misi, kandi imipfundaizokwiterera gushika muri Leta ya Kentucky. Kandi nivyaba, bizonyiganza isicane gushika n'aho ikintu cose kiri kuri yo kizotemba.

Ôo, numpishe muri ca Gitandara c'ibihe! Mana,nyemerera, nyemerera. Numpumekereko, Mwami. Mpwemu w'Imana nzima,numpumekereko. Nyemerera mfate Akayungira hanyuma mbeho musi yaKo, Mwami.Nyemerera mpumeke impwemu nziza za Mpwemu Yera mu mahaha yanje, mu mushahawanje buri musi, kugira ngo noye kuGucumuraKo, Ôo Mwami.Numpumekereko, Mpwemu Yera, numpumekereko! Nda…

66 Reka nteragire Ijambo ry'Imana mu mutima wanje, kandimfate ingingo yuko ntazotambamira i buryo canke i bumoso, ngo ndaRiveko, arikoko nzoba umwizigirwa kuri Ryo imisi y'ukubaho kwanje yose. Ô Mana Data,Nundungikire rero Mpwemu Year w'Ubugingo, kugira ngo Aze guha ayo Majamboubuzima kubwanje, kugira ngo nshobore kugaragaza Yesu Kristo kur'abo bariimbere yanje, biteze kubona ivyo bikoreka. Iryo niryo sengesho ryanje.

Ôo, bagenzi! Nimurabe ingene bakora uyu musi mur'ayomashengero. Bariko bakwega abantu babacisha mur'ubwo buyungiro bw'ikidini,babajana muri bwa bumwe mpuzamadini. Kuki? Kuki? Kuko bibaha ico umutima wabowipfuza, idini. Bafise akanovera k'amadini. Bafise akanovera k'amadini.Bazobikora.

Buri gihe Imana Yaba ibarungikiye umuvyuro, na bombega baca bakora iki? Baca bawuhindura idini. Mbega uko ni ukuri? Kubw'ivyobararonse ubwoko bwabo bw'akayungiro, kuko bafise akanovera gahambaye. Kandiubu naho Imana igiye kubaha icipfuzo cabo c'akanovera kabo. Igiye kubaha… Barikobaranunuza kugira ngo bakwegere abantu muri bwa bumwe mpuzamadini, kandi ukoniko bironkera akanovera kabo k'ikidini. Babiteguriye kuza.

67 Ôo, shengerorya Lawodikiya, ntuhendwe muri kino gihe, n'uruhendo rwabo. Ôo, Bapentekotemwe, mwebwe mwagiye muri Lawodikiya, mwebwe muri mu bagize Lawodikiya,ishengero ryapfuye; guca ku ba Metodiste, Ababatiste, n'Abaperesipiteriyano,basigaranye ishusho y'imigirwa gusa. Ariko mwebwe Bapentekote mugishobora rimwena rimwe kuvuga "amen"; mushobora kuvuza umuziki mwinshi ku gicaniro, mukarekaabagore bimwesheje umushatsi bagatambira ahantu hose, kandi muracizera ko ImanaIkiza indwara; ni kangahe Imana Yashatse kubafata, ariko mwifatiye akandikayungiro, akayungiro k'ikidini. Ni kangahe Imana Yagomvye kubafata!

Ukuntu rwari uruhendo! Matayo 24:24, Yesu Yavuze yukoi… "Vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyoshobotse." Ese ukuntu mwegereje, kumwe kwa Eva, murarekagusa akantu kamwe canke tubiri dutoduto mutagomba kwakira, kuko mwigize idiniukandi mudashobora kuVyakira. Nico bisaba gusa. Vyobabera vyiza gufata vyose,"Kuko uwucumura kw'ibwirizwa ryo hanyuma y'ayandi, aba acumuye kuri

yose." Ôo!

68 Pentekote, Pentekote, nucishe ivyiyumviro vyawe muKayungiro k'Imana, atari mu ndoto zanyu z'ikidini, hanyuma muzohokamwo mufiseakanovera k'umuntu mweranda, umubatizo nyakuri wa Mpwemu Yera.

Murashobora kwibaza umugabo areka umugore wiweakamwa umushatsi, akambara amabutura, canke akambara amapataro, hanyuma akavugayuko ariko araca mu Kayungiro k'Umuntu yiyumvira? Murashobora kwibaza umugaboakora ikintu nk'ico?

Murashobora kwiyumvira umuvugabutumwa ahagazeahavugirwa ubutumwa, kubera yuko ahembwa neza n'ikoraniro rimukuyakuya,rimwita, "Dogiteri, Mwene Data, Nyakwubahwa," rikamujana mu misi mikuru y'ubwoko bwose aho bajano kwogera hamwe abagore n'abagabo, n'ibindi vyose, ku misenyi; murashoborakwibaza umugabo avuga ko yaciye mu Kayungiro k'umuntu yiyumvira?

Kandi bamwe mur'abo bagore imbere ku gicaniro,n'udukanzu twabo tugera hejuru y'amavi, dufata cane ku buryo twerekana ukobaremwe kwose, uko binyigangije kose, amakanzu yabo akerekana n'izo bambayemusi; bibi nyene co kimwe no kwambara amabutura, impenereza, n'ibindi. Mwa Bapentekoti mwe,b'impumyi, bavugabutumwa ba Lawodikiya, Imana Izogeza ryari kubihanganira, ntavyo nzi. Ibe… Imana Igirire imbabazi amaso ya -yanyu ahumye. Irafise umuti wogusiga ku maso kur'uno mugoroba, kugira ngo muhumuke amaso yanyu, mushoborekubona.

69 Nk'uko navuze mur'aka gatondo, turi mu gihe co kubona,ku gasongero. Nta zindi nkomezi ziri hejuru y'ivyo, aho ushobora kuja hejurukuusha, kumenya. Wewe, ukoresheje izuru ryawe, urashobora kumoterwa; ukoreshejeiminwa, urashobora kuvuga; ukoresheje amaboko, urashobora gukabakaba ugafata;n'iberenge vyawe, n'ibindi; ariko ntushobora kuja kure harengeye amaso yawe.

Malaki 4 yaje; ukubona! "Kandi hazobaho Umuco mugihe c'akagoroba." Ôo, nimugendere mu Muco!

Tuzogendera mu Muco, Umuco mwiza,

Uza aho amama y'ikime c'ubuntu akayangana;

Unkayanganire irya n'ino ku murango no mw'ijoro,

Yesu, Jambo, Umuco w'isi.

Egome, mushingantahe. Nimuce muri Ko, oh, mweneData, hanyuma muzosohokamwo n'akanovera k'umuntu w'umweranda, na Mpwemu Yera.

70 Ôo, ewemukenyezi, cishamwo ivyo vyiyumviro vyawe vya none ku nyambaro. Cishamwo ivyovyiyumviro vyawe vya none, imbere yuko usohoka ngo uje mw'ibarabara imbereimbere y'abagabo; mwebwe bagore mukiri bato, mwebwe bagore mukuze, imbere yukomusohoka ngo muje mw'ibarabara n'izo mpuzu zanyu zifata cane, zaduze imberen'inyuma. Sindi uwo kubifatira mu gahanga. Ndi mwene so. Mpagaze hagatiy'abariho n'abapfuye, kandi ndazi ico ndiko ndavuga. Imbere yuko muja iyohanze, kandi mukaba muzi yuko imibiri yanyu ari ikintu ceranda, canke ububikobweranda mwahawe n'Imana; imbere yuko mwinjira mw'ibarabara, mwambaye nk'uko,banze mucishe ivyiyumviro vyanyu mu Kayungiro k'Umukenyezi yiyumvira neza.Hanyuma mwibuke yuko, "Uwo wese akuraba akakwipfuza, uba wamaze gusambana nawe." Ivyo uvyibuke, mushikanje.

Kandi, mwene Data, imbere yuko uhindukiza umutwewawe ngo umurabe, kw'ijisho rigira kabiri, ca ucisha ivyiyumviro vyawe muKayungiro k'umuntu yiyumvira. Uzovamwo n'akanovera k'umuntu w'umweranda,murabona, ko gukora ibigororotse.

71 Nimurabe, mucishije ivyiyumviro vyanyu mu Kayungirok'umuntu yiyumvira, muzovamwo n'inyambaro y'umukenyezi mweranda. Uko ni ukuri.Uzovamwo, mwene Data, n'indabo y'umuntu mweranda. Ubu rero, ico ni ikintu kimwegusa.

Muzosohokamwo n'inyambaro y'umugore w'umweranda,n'imishatsi miremire, mwambaye izibakwiye; n'impwemu itekanye, iciye bugufi;ari ukwama mu mitongano, n'intambara n' ivya ndagutakiye. "Impwemu itekanye,yiyorohreje, ari itunga rihambaye riva ku Mana." Bibiliya niko yavuze.

Ubu rero ngomba ndababaze ikintu kimwe, hose mugihugu. Tugiye kurangiza mu mwanya muto.

72 Ubu rero reka twese, kur'uno mugoroba, dusuzumeivyipfuzo vyacu, hanyuma rero murashobora kubona ubwoko bwakayungiro mwamyemukwega mucishijemwo. Reka dusuzume, umwumwe wese muri twebwe, hano no hiyohanze hose mu gihugu. Nimusuzume ivyipfuzo vyanyu, ivyo mushaka koko mu buzimabwanyu. Nimusuzume ivyo muriko murarwanira. Nimusuzume igituma muri hano.Nimusuzume igituma muja kw'ishengero. Ni igiki kigutuma…Ni vyiza kuja kw'ishengero,ariko ntimuje kw'ishengero gusa vyonyene; ivyo ntibizobakiza. Murabona?Nimusuzume mu kanya gato gusa, muvuge muti, "Mbega

intumbero yanje…Mbega -mbegandiko nkwega ncishije mu kayungiro bwoko ki, n'ubwo bir'uko?"

Kandi nimba udashaka kuja ku murongo w'Ijambory'Imana, n'umushaha wawe ntubikore, aho rero hariho ikintu kitagenda neza;kuko vyerekana akanovera kawe ako ari ko, yuko ubuzima… ubwoko bw'ubuzima burimuri wewe. Nimba ari bweranda, bw'ubwenge, bwiyubashe, buzoseruka uko nyene.Nimba atari ko bumeze, ufise akandi kanovera muri wewe uriko urakwegamwo. Ukoni ukuri koko.

Kandi nimba ako kanovera ari Ijambo ry'Imanan'ubugombe bw'Imana, aho rero urazi ikiri muri wewe, ikiriko kirakwega akokanovera. Vyerekana yuko uri igice c'iryo Jambo. Iryo Jambo riri muri wewe,rivoma mw'Ijambo.

73 Rikwega iki? Rikwega ricishije mw'Ijambo, kuko uriurugingo rwa wa Mubiri wa Kristo wa kino gihe. Kandi nimba iryo Jambo riri muriwewe, Rishobora gukwega gusa ricishije mw'Ijambo, Mpwemu Yera Aha ubuzima iryoJambo ari muri wewe. Ijambo ryonyene gusa ntirishobora kubaho. Nico gituma,"Abo Data YaMpaye bose bazoza kuri jeWe; kandi ninamara kumanikwa,nzokwikwegerako abantu bose." Murabona? Murabona, "Data," igice ca wa Mubiri waKristo kiri mw'isi, catoranijwe kera, bishirwa mu mutima.

Umuntu wese w'Umukristo nyakuri, yavutse bushashauyu musi, arazi, kuva akiri umwana muto, canke umukobwa muto, uwo ari we wese,yuko hariho ikintu muri wewe cari gifise inzara y'Imana. Kandi mwarageragejekuja mu mashengero n'ibindi vyose; ariko ntaco vyabafashije. Vyari ibiki? Ryariiryo Jambo. Wariko urarondera Akayungiro. Hanyuma umusi umwe Riraravya imbereyawe; uca ubona Yesu Kristo wa wundi nyene ejo hahise, uyu musi, n'ibihe vyose.Ivyo vyarahagije akop kanovera. Murabona?

Kuko,ubuzima bwari muri wewe, bukwega. Murabona,ubuzima muri wewe buriko burakwega. Buriko -buriko buratangaza icipfuzo ufiseng'aha. Uriko urakwega. Ntushobora gukwega ucishije mur'ibi, na birya, na biriya. Utegerezwa kuronka ako Kayungironyako, kuko uri umuntu yiyumvira. Urabona?

Nimba uri umuntu yiyumvira, waratoranijwe kera,canke warayunguruwe imbere… kuva imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho.

74 Kandi nihagira umuvugabutumwa w'idini yumva ibi,ndizera yuko azofata Akayungiro k'umuntu yiyumvira, nimba ari umuvugabutumwaw'umunyedini. Hanyuma maze azoca ata hasi iyo paki y'ikidini itegerezwakuzohona ata nkeka, kuko ari ijambo ry'umuntu; aheze yemere Ijambo ry'Imanariyumguruye ridashobora kunanirwa na mba canke ngo riveho, kandi rizoshika kunyota akanovera k'umuntu mweranda. Kandi, kumwe kwa Yakobo, azoheba ivy'isivyose n'ivyipfuzo vy'amadini yose canke kuba rurangiranwa, biri mw'isi, ahoushobora kuba umwepisikopi, karidinari, aho ushobora kuba umukuramberew'intara, canke umwungere w'ishengero kanaka rinini. Uzoheba ibintu vyosebibaho. Atari nka Esau, ngo ube igice c'ino si; ariko kumwe kwa Yakobo,uzotanga ivyo ufise vyose kugira ngo uronke ubufura, Akayungiro k'umuntuyiyumvira; kuko bizoguha akanovera k'umuntu mweranda. Kandi kazoshika ku nyota.Kandi kazoshika ku nyota, maze keze n'akanovera Gahoraho k'ubugwaneza bwerabw'Imana.

75 Nimwibuke, Satani yatanguye gutobora igitoboro cambere mu bwenge bwa Eva, canke ivyiyumviro vyiwe, kugira ngo atume akanoverak'ubwenge bwiwe n'ubumenyi vyinjira bigacamwo.

Ubu rero nimwiyumvire kuri ibi. Ndiko ndaheraheza. Satani yaratoboyemwo igitoboro cambere, kuko ivyo uwo mugore yari ashoboye gukwega vyose vyari Ijambo. YariMpwemu biciye mw'Ijambo ry'Imana, kuko yavuze ati: "Igihe cose muzokwega impemumucishije muri kano Kayungiro, ntimuzokwigera mupfa ; ariko nimwakwegaimpemu z'iki ng'aha, muzopfa." Murabona?

Satani nawe reroaca avuga ati: "Mwe ntaco muzi ng'aha.Ariko gusa nimuhonje gato kur'iki ng'aha,aho rero muzoca mumenya ; muzoca muba nk'Imana. Murabona, Yo Irazi ikibi n'iciza ; mwe ntavyomuzi. Kandi hamwe mwofata akanovera gatoya gusa k'ibi." Ni uko aca aramureka atoboramwo igitoboro, agatoboro kamwegusa gatoya.

Ubu rero murabonaigituma mvuga… Muravuga muti: "Ni kubera iki utigisha abagore, n'ibindi, ingeneboronka ingabire n'ibindi nk'ivyo?"

Navuze nti: "Nigute wobigisha vya biharuro bikoresha indome mu gihe badashoboye no kwiga ABCzabo?"

Bisaba agatoboro gato kamwe gusa. Yafashe ubwengebw'ino si, hanyuma, ivyo bimaze kuba, vyazaniye urupfu umuryango wose, kugombaguhonja ubwenge.

76 Ubu rero nimurabe ako kayungiro, kandi ata nkekavyagaragaje akanovera kiwe. Akanovera kiwe kari ak'ivy'isi; ico nico afise. Ukoniko biri uno musi. Barakunda isi n'ibintu vy'isi, bafise ishusho y'ukwubahaImana, ariko bagahakana ubushobozoi bwakwo. Murabona, Satani azobareka bavugemu ndimi; azobareka bavuze akaruru, azobareka bakore ibikorane vyo gusengeraabarwaye; azobareka bakore ivyo bintu vyose.

Yavuze Ati: "Benshi bazoza kuri jewe kuri Wa musi,bavuge bati, 'Mwami, sinirukanye abadayimoni,

sinakoze ibintu vyiunshi,sinakoze ibi?'" Azobabwira ati:"Sinigeze ndanabamenya, mwa nkorabizira mwe." Igihe Ijambo ryashirwa neza naneza imbere yanyu ariko mukibandaniriza mununuza kur'ako kayungiro ka kerak'isi, murabona, vyerakana akanovera kari mu mutima.

77 Inuma ntizishobora kurya umuvyimba waboze.Ntizishobora kuwurya. Nta ndugwe zifise na mba. Igikona co kirashobora kuryaintete nk'inuma kandi kirashobora kurya n'umuvyimba waboze nk'igikona,murabona, kuko ari inryarya. Ariko inuma yo ntiyaremwe nk'iyindi nyoni n'imwe,kandi ico n'ico gituma Imana Yishushanije ubwaYo nk'Inuma Imanuka Ivuyemw'Ijuru. Murabona? Ntishobora -ntishobora kwihanganira umunuko w'umuvyimbawaboze. Yo si ikinyakabaka; ari co gituma, ata ndugwe igira na mba.Ntiyoshobora kubisya. Vyoyica, irinze ibirya.

Kandi inuma ntiyigera ikenera kwoga. Umubiri w'inumaurasohora amavuta ava imbera, atuma iguma iusukuye. Ni ubuzima buri mur'iyonuma; buzana muri yo amavuta atuma amubi aguma asukuye. Kandi uko nikwon'Umukristo ameze; Hariho ubuzima muri bo butuma baguma bartyoroye.Burayungururwa.

Ôo, nimurabe! Ubu rero nimurabe ku… ako kayungiro,kandi ata nkeka murashobora kubona akanovera kako, k'ivyo bariko barakora uyumunsi.

78 Nimurabe iri shengero rya none. Nimurabe akayungirokabo. Murashobora kubona ivyo bakunda. Mukabona ico bafise. Urukundo, mbebakunda iki? Mupfasoni Lawodikiya ariko atera aja mu Rubanza rw'Imana. Ukwo niukuri. Urukundo, urukundo rw'ishengero uyu musi ni urwa Lawodikiya, idinirihambaye, ishirahamwe rihambaye, ikintu kanaka rurangiranwa gihambaye, abantubambaye neza, bize cane, buzuye ubwenge, buzuye umurwanizi, musi y'uruhendorw'ishengero rya Kristo. Hari ijambo rimwe gusa ritegerezwa kubamwo ngaho,"Antikristo." Kuko, ivyo Kristo yigishije vyose, hafi vyose barabirwanya; niukuri, bafata duke gusa two kugira ngo bashobore kwiyita ukwo.

Ubu reronimba muri abantu biyumvira kur'uno mugoroba, hano no hiyo hose mu gihugu ahobuno Butumwa buriko buraja, icipfuzocanyu kizoba akanovera ka Bibiliya, atari akanovera k'ikidini, kuko muzocirwaurubanza n'iyo Bibiliya nyene, iri Jambo ndiko ndabasaba ko mwoyungurura imishaha yanyu biciye muri ryo. Kandikwanka n'Ijambo na rimwe ryaYo, ngo ntimureke umushaha wanyu ngo ucishwe nomur'iryo Jambo rimwe, ntuzokwemerwa. "Kuko umuntu atazobeshwaho, ngoahumekeshwe, n'umutsima gusa, ariko na buri Jambo ryose riva mu kanwa k'Imana."

Rizozanwa muri mwebwe, ryatoranijwe kuva kera.Kandi Umwami niyabahumekerako, Mpwemu wiwe azoha ubugingo iryo Jamboryigaragaze, hanyuma muzoca mubona yuko Yesu Kristo ari we wa wundi nyene ejohahise, uyu musi, n'ibihe vyose. Ôo, bagenzi!

79 Nimuvavanure n'ayo madini y'isi, iyo paki y'idini. Nimuyirekerehasi nk'iyo paki y'itabi yari iyo mw'ishamba. Nimuyireke ibore yononekare. Ni-ni akayungiro katari ko. Hanyuma mufate Ijambo, arinryo Kristo, ritanga,rigashika, rikongera rikazigama akanovera k'Ubugingo Budashira, kur'uwo weseazoryakira, Ubugingo Budashira.

Ijambo, nimba waratoranijwe kuva kera, uraRibona.Nta buryo na bumwe boRikunyegeza. Uraraba hariya hanyuma ukavuga uti: "Ahaa,Biratomoye neza imbere y'amaso yanje! NoRiravye; ng'iRyo ngaho. NdikondaRyitegereza neza na neza. NdaRibona. Ng'Iri ngaha, Ijambo; buri Jambo, nezana neza Ijambo ku Rindi, ari rizima." Rero hariho akanovera kanaka k'UbugingoBudashira mugomba.

Kandi iyo ukweze impemu ucishije muri Ryo, ni igikigishobora guca muri Ryo, ako Kayungiro k'Imana? Nta kindi atari Mpwemu; nta si,na mba; nta kutizera, na mba. Ni Akayungiro k'Imana. Kandi iyo ukweze impemuucishije muri Ko, nta kindi kintu gishobora guca muri Ko atari Mpwemu Yera.

80 Ubu rero murafise ikimenyamenya ca Mpwemu Yera,murabona, akanovera k'umugabo canke umugore mweranda. Bagomba kubaho. BafiseUbugingo Budashira. Kandi kubera yuko iri Jambo ryagizwe rizima kuri bo, na boni bazima; Akayungiro k'umuntu yiyumvira, n'akanovera k'umuntu mweranda.

Ntimufate isi, nk'izo nganda zikora itabi, muburyo bw'uruhendo, ariko nimufate ka Kayungiro nyako k'umuntu yiyumvira.Nimuyungurure impemu mukwega, imfungurwa mufungura, ico muri cose; nimugihumekebiciye mw'Ijambo ry'Imana, maze muzoronka akanovera k'umuntu mweranda. Kuko,Rizokwama ivyo, kuko Ari We wa wundi nyene ejo hahise, uyu musi, n'ibihe vyose.

Kandi ndazi, nimba ariko turi canke atari ko turi…Ndizera ko ari ko turi. Ariko, nimba atari ko turi, hariho umuntu kanaka kw'isiari urugingo rwa wa Mubiri wa Kristo; kandi Uzobeshwaho n'Ijambo ry'Imana gusa,buri Jambo ryose riva mu kanwa k'Imana kubwa kino gihe tubayemwo ubu.

81 Kandi sinshobora kubona aho amadini… Ayo Majambo muburyo butomoye neza muri Bibiliya, yaravuze yuko vyobaye, n'ibintu vyobayeho,none raba turiko turabibamwe ubu nyene. Sinshobora kubona aho vyobaye ibindibintu uretse ibi.

Shengero, ndazi yuko ntegerezwa kuzohagararananamwe mu Rubanza umusi umwe. Birakaba kure

yanje ko nobabwira ikintu na kimwekitari co, kubwo guhiga kuba rurangiranwa. Ivyo jewe ntavyo ngomba. Nimba nobankoreshwa n'icipfuzo canje, nogize, icipfuzo canje nyene gisanzwe c'umuntu,noca mpitana inkoho yanje nkigira mw'ishamba maze nkiyubakirayo akazu, ngatega,ubuzima bwanje bwose nsigaje. Ndiko ndasaza, ndarushe, ndananiwe, nasanzaye,ariko sinshobora kuva ku gikorwa. Noba ngowe ntavuze Ukuri kandi Ukuri kwose.Noba ngowe ntahagaze hano kugeza aho impemu za nyuma z'umubiri zizobazimvuyemwo. Ntegerezwa guhagarara, ntitayeho ivyo uwo ari we wese wundi avuga.Jewe mfise ivyo negwa navyo imbere y'Imana.

82 Kandi vy'ukuri ndizera yuko ibintu turiko turigishaari Ukuri. Atari ukubera ari jewe ndiko ndavyigisha. Oya, mwene Data. Oya,mushingantahe. Imana Irazi umutima wanje. Ese ukuntu nari nipfuza kwicaramw'ikoraniro nkumviriza abasizwe amavuta bavuga ubutumwa. Ukuntu vyobaivyoroshe cane kuri jewe, ata nkeka kuko noronka Ubugingo Budashira co kimwen'uwo muntu ahagaze ku gicaniro. Ndi igice caBwo nk'uko nawe ari igice ca Bwo.Twogiye mw'Ijuru rimwe, tukagira amahirwe amwe. Ese ukuntu vyobaye ivyoroshekuri jewe kwiyicarira ngaho no kutaronka ibi bikomere vyose, n'ibipfunsi, n'izingorane zidahera. Ese ukuntu vyobaye vyoroshe, kuko hatobayeho kumara amajorontaryamye, isaha imwe n'igice, canke amasaha abiri yo kuryama; nigana ijororyose n'ibintu vyaje. Ese ukuntu vyobaye ivyoroshe kuri jewe gukora ivyo,nkifatira inkoho yanje mu gitondo gikurikira, irenga ryanje ryo kuroba, hanyumankigira kuroba canke guhiga! Ese ukuntu vyobaye vyoroshe! Ariko mwene Data,ubupfindo bwaguye kuri jewe. Imana Imfashe kugira ngo sinze nigere mpungaigikorwa najejwe, ariko mpagarare ndi umwizigirwa n'imvugakuri, hanyumandabazanire Akayungiro k'umuntu yiyumvira kazobaha akanovera k'umuntu mweranda.

Ako Kayungiro k'umuntu yiyumvira niyo ya mazi, yamazi yo guhumanura.Ni ugurtyororwa kucaha, akaba ari Ijambo ry'Imana. Kandi uwo muntu yiyumvira,umuntu azi yuko ategerezwa kuzohagarara imbere y'Imana, arazi yuko ategerezwakuzobazwa kuri buri Jambo rya Bibiliya, Ivyo bizoshika ku nyota ako kanoverakari mu mutima wawe. Imana Idufashe kugira ngo tuVyakire, mu gihe twunamitseimitwe yacu.

83 Mana mukundwa, iyindi saha canke zibiri zarenganye.Isaha yunguruje muri kano kanya. Ubu Butumwa aka kanya burinjiye muri kahise,kandi bwanditswe mu Gitabu. Twese ubu tubwirizwa kuzobazwa kuri ibi, buri kintucose twakoze, buri jambo ryose twavuze, buri ciyumviro caciye mu bwenge bwacu,igifata kiracabandanya gifata. Kandi kizobandanya gifata gushika ubuzimaburangiye, maze rero tuzoheza twishure kuri wa Munsi w'Urubanza.

Ôo Mana, Umuremyi ahambaye w'amajuri n'isi, Uwotwizeye, ndasengeye aba bantu b'uyu musi. Ndisengeye nanje ubwanje hamwe na bo,yuko Mwami Yesu, yuko Wofata Akayungiro kaWe. Kandi nimba hari ikintu na kimwendiko ndavuga kitabereye, Mwami, Nda…mu mutima wanje ntavyo nzi. Ndasavye yukonimba ari amakosa ko mfata Ijambo ryaWe hanyuma nkakoresha ikintu nk'ico,Umbabarire kubw'ivyo.

84 Ariko, Mwami, nariyumviriye ko igihe Wavugana nanjehariya mw'ishamba, Urabizi ca gihe mu gitondo, ni uko ntashobora nambakuvyikura mu mutwe. Naciye ndavyemera nk'ibivuye kuri weWe. Kubw'ivyo, ManaData, namaze kubivuga. Kandi ndasavye, Mana, yuko Woreka bikaba nk'ukonavyiyumviriye ko vyobaye, yuko umuntu yiyumvira, uwo muntu nimba afiseukwiyumvira na guto, ategerezwa kumenya yuko azobwirizwa guhagarara mu Nyongaz'Imana, kandi ko atoreka ngo hinjire mu mushaha wiwe ikintu na kimwe canduzacanke kinyuranye n'Ijambo ry'Imana.

Kandi, Data, ivyo turabibona, mu gihe narikondabigereranya n'aya madini y'uyu musi; atari ukugira mbe uwutandukanyen'abandi, Mwami. Uzoncira urubanza, umusi umwe, bivanye n'ibiri mu mutimawanje. Kandi ndasavye, Mana, yuko Wobona ko kutari ukugira ngo mbeuwutandukanye n'abandi, ariko kwari ukugira ngo mbe imvugakuri, kugerageza kubaumunyakuri, kuko nzi yuko mfise abo Waguze Amaraso yaWe, kuva ku nkengeragushika ku yindi, kano kanya nyene, mu biganza vyanje. Kandi benshi muri bobarizeye ya Nkuru twabariwe.

Kandi, Mana yo mw'Ijuru, ntihagire n'umwe wo muribo azotakara. Ndabishuje, bose, kandi mfatiye imbere yabo ka Kayungiro k'icaha,ya Mazi yo guhumanura,Amaraso ya Yesu Kristo, Ijambo ryagizwe umubiri. Biduhe, Mwami. Kandi rekaMpwemu Yera Acukumburwe mu mishaha yacu, biciye muri buri sezerano. Kandidufashe kugira ngo tube abaserukizi bazima b'Umugeni wa Yesu Kristo, mu gihec'amaso, co kubona muri wa Muco w'akagoroba, kuko tubiGushikirije mw'Izina ryaYesu Kristo. Amen.

85 Mbega muraMukunda? [Ikoraniro rivuze riti, "Amen." -Umw.] MuraVyizeye?["Amen."]Jewe,nimba navuze ikintu na kimwe kibi, mu kuvuga, "akayungiro k'umuntu yiyumvira,"sinshobora kuvuga ibirenze aho. Sinize. Ntegerezwa kuvuga gusa ibinjeko. Kandiigihe nayibona irambitse hariya, naciye niyumvira nti, " Mbega umurongow'uburyarya!"

Hanyuma Ikintu kanaka gica kivuga Giti, "Co kimwenyene n'ishengero."

Akayungiro k'umuntu yiyumvira! Ôo,bagenzi! Hariho ibirenze ivyo kuri ko.Umuntu yiyumvira ntiyogakoresheje namba. Murabona? Oya haba na mba. Kandikipfuza akanovera k'umunywatabi, uko ni ukuri, kuko ategerezwa kukaronka kugirango ashike ku nyota akanovera kiwe. Ariko umuntu yiyumvira,

w'ukuri azi yukoumushaha wiwe uzoja mu Rubanza, azoyungururura akanovera kiwe biciye mw'Ijambory'Imana. " Kuko abo Data Yampaye bose bazoza kuri JeWe." Kandi azobeshwahon'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana, akaba ari yo mazi yo guhumanura adutandukanyan'icaha. Kuko, iyo biciye mw'Ijambo, turabona yuko ari icaha kutaRyizera,kubw'ivyo tugaca tuRyizera hanyuma tukabandanya. Ni ugutandukana n'icaha. MbegamuraMukunda?[Ikoraniro rivuze riti, "Amen." -Umw.]

NdaMukunda,Ndakunda…

Reka tuMudugirize ibiganza vyacu kano kanya.

Kuko Yabanje kunkunda

Akagura agakiza kanje

Ku giti c'i Kaluvariyo

86 Mbega Yavuze ngw'iki? "Kur'iki niho abantu bosebazomenya ko muri abigishwa banJe, nimwakunda, mukagiriranira urukundo." Uburero reka duhane ukuboko n'uwundi muntu mugihe turiko turaruririmba kandi,tuvuge duti, "Nanje nyene, ndagukunda, mwene Data."

NdaMukunda, Nda… (Ibi ni ukubamenyesha yuko…)

…Yabanje kunkunda

Akagura agakiza kanje

Ku giti c'i Kaluvaliyo.

87 Ubu rero, mbega murakunda Akayungiro k'umuntuyiyumvira? [Ikoraniro rivuze riti, "Amen." -Umw.] Niwaja iyo mw'ibarabara guhuran'isi ejo, mwene Data, mushikanje, mbega urafise Akayungiro k'umuntu yiyumvira?Iyo urya muntu akwise umweranda yataye umutwe, mbega urakoresha Akayungiro k'umuntuyiyumvira? Iyo urya kanaka avuze ikintukibi kuri wewe, mbega urafise Akayungiro k'umuntu yiyumvira? Murabona, mwishureikibi iciza. Musengere abababahahaza, n'abababahama, aho niho rero muba murikomurahumeka mucishije mu Kayungiro k'umuntu yiyumvira.

88 Kuko nimba mukunda abababakunda gusa, nk'uko twahanye amaboko, nk'abakundwa cane muMwami, ivyo ni vyiza, ariko murashobora no gukunda kandi abatari abo gukundwa?Ako niko Kayungiro k'umuntu yiyumvira. Uwo ni Mpwemu wa Kristo muri mwebwe,gukunda abatabakunda, aho rero uca uronka impera y'Imana. Ariko, kano kanya,nimba ubikora nk'itegeko, nturaronka wa muntu yiyumvira… Uracari hejuru gusamuri wa muzingi wa kabiri. Ariko ni ibiva mu mutima ko umukunda koko, aho rerouba uriko urahumeka ucishije muri ka Kayungiro k'umuntu yiyumvira. Kandibishika ku nyota y'akanovera k'umuntu mweranda, aho uzi yuko, bivuye mu mutima wawe uharira umuntu wese, ico arico cose,naho hoba habaye iki. Mbega si vyiza cane?

…banje kunkunda

Akagura agakiza kanje

Ku giti c'i Kaluvaliyo.

Tuzogendera mu Muco, ni Umuco mwiza,

Uza aho amama y'ikime c'imbabazi aca ibibatsi ;

Unkayanganire irya n'ino uko bukeye uko bwije,

Yesu, Umuco w'isi.

Tuzogendera mur'uwu Muco, ni Umuco mwiza cane ;

Kandi uza aho amama ayunguruye y'imbabazi acaibibatsi ;

Ôo, dukayanganire irya n'ino uko bukeyeuko bwije,

Yesu, Umuco w'isiNimuze, bera bose b'Umuco, mwamamaze,

Yesu, Umuco w'isi ;

Maze inkengeri zo mw'Ijuru zizovuga,

Yesu, Umuco w'isi

Ôo, tuzogendera mur'uwo Muco, Ni Umucomwiza cane;

Uza aho amama y'ikime c'imbabazi aca ibibatsi;

Ôo, dukayanganire irya n'ino uko bukeyeuko bwije,

Yesu, Umuco w'isi.

Mbega ivyomurabikunda? [Ikoraniro rivuze riti, "Amen."-Umw.]

Ôo, tuzogenderamur'uwo Muco, Ni Umuco mwiza cane;

Uza aho amamay'ikime c'imbabazi aca ibibatsi;

Udukayanganireirya n'ino uko bukeye uko bwije,

Ni Yesu, Umuco w'isi.

Ivyo ndabikunda pe! Ukwizera kwanjekuraba kuri WeWe,

Mwagaziw'Intama w'I Kaluvariyo,

Ô Mukiza Mana;

Niwumve ugusenga kwanje aka kanya,

Unkurekw'ivyahavyanje vyose… (Nyungurura, Mwami, biciye mw'Ijambo.)

Ôo reka uhereyeuyu musi

Mbe uwaWe rwose! Nimuvyiyumvireko gusa, kuyungururwa biciye mw'Ijambo,"Uwawe rwose."

No muri kinokizu,

Nkikijwen'amagorwa,

N'ube Indongozi yanje;

Nukurehoumwijima wose

Uhanagure amosozi y'umubabaro,

Ntiwigere undeka,

Ngo nje kureyaWe.

[Mwene Data Branham atanguye kuririmbira mu ntamatamaUkwizera Kwanje Guhanze Amaso Wewe -Umw.]

…ku mutimawanje ubabaye,

Uwundi mwete;

Nukurehoumwijima wose

Uhanagure amosozi y'umubabaro

Oo reka uhereyeuyu musi

Mbe uwaWerwose!

89 Mana mukundwa, turakunda kuKuririmbira, kuko aho arihotugaragariza ibishika vyacu, ibigumbagumba vyacu, ikoraniro ryose, mu giheUduhumekeyeko Ijambo ry'Ubugingo. Turashima cane, Mwami. Kandi biciye mur'urworuririmbo, nutwakire, uratwakira, ga Mwami? Ico nico cipfuzo cacu, niukuyungururwa biciye mw'Ijambo ry'Imana, tukagendera buri musi mu Muco, Umucow'ubutumwa Bwiza.

Wame wuzuzaurukundo inzira yacu buri musi

Uko tugendana nay a Numa yo mw'Ijuru;

Uduhe kwama tugenda, turirimba tunezerewe,

Wame wuzuza urukundo inzira yacu buri musi.

Biduhe, Mwami.Nuduhezagirire hamwe kano kanya. Reka ubuntu bwaWe n'imbabazi bibane natwe.Kiza abarwaye n'ababababye mu gihugu hose.

Turagushimiyekubwa mwene Data Coggins kur'uyu mugoroba, wemereye gusohoka ibitaro, agataha

imuhira yakize. Urakoze ku vyo Wakoze vyose, no ku bw'inkomezi zacu twumva yukozagizwe nsha kano kanya.

90 TuraGushimiraKubw'Ubutumwa busa n'ubucagaguye kur'uno mugoroba, Mwami. Si -sinabutanzenk'uko bibereye, ariko ndasavye, Mwami yuko Ubutanga neza imbere y'abantu,kugira ngo bashobore kubona kandi bamenye icari gitumberewe. Nukuremwoicubahiro, Mwami, kandi dutahure ibi, nimba ata kindi, yuko dutegerezwakubeshwaho n'Umutsima w'Ijambo ry'Imana, wayunguruwe uvuye ku Mana kubw'abanabaYo gusa. Ni ikoraniro riri ukwaryo. Ntibigenewe uwundi n'umwe. Ni kur'abogusa, abatoranijwe baWe, nk'uko amazi yoguhumanura ya ya yashi y'inka y'akagajo yari agenewe ikoraniro rya Isirayeligusa. Kubw'ivyo, Data, turazi yuko uwo Mutsima ari uw'Intama gusa.

"Ntibibereye yukomfata umutsima w'abana ngo ndawuterere utubwa," niko Yesu Yavuze.

Maze uwo mugore nawe,mu gusubiza, aca avuga ati, « Egome, Mwami, ukwo ni ukuri, ariko jewenigombera utuvunji dukoroka. »

Natwe nyene twiyumvauko kur'uno mugoroba, Mwami. Turagomba ivyo vyose ushobora kuduha, Data, kukotuGufitiye inzara n'inyota birushirije.

Twemerere koinzara zacu zihazwa ivyipfuzo vyacu navyo bimenyekane, kuko, Data, tugombakugira icipfuzo c'umuntu agororotse. Kandi uwo Muntu agororotse yari YesuKristo, kandi icipfuzo ciWe kwari ugukora ubugombe bwa Data, ubwo nabwo bukababwari Ijambo. Biduhe, Data. Tubisavye mw'Izina ryiWe. Amen.

Reka duhaguruke murikano kanya mu gihe turirimba ya ndirimbo yacu yo gusezerana, ya, Jana Izina Rya Yesu Hamwe Nawe.

91 Ahandi hantu hose iyohanze ubu, aho ubu Butumwa bwagiye kur'uno mugoroba, Imana Ibane namwe rero mugihe tugiye gusezerana dusenga. Umwumwe wese muri mwebwe, hiyo hanze hose, ndizera yuko mwahimbawe cane no kwumvirizank'uko nanje nahimbawe no kuBubazanira. Kandi ndizigira yuko Imana IBushira mumitima yanyu Ikanabaha insobanuro nyayo yaBwo.

Kandi namwe bantumuri ng'aha mw'ikoraniro mufise ibi bitambara vyashizwe hano, nabirambitsekoibiganza. Ndasavye yuko Imana Iza gukiza umwumwe wese muri mwebwe, ntihaze kubaumugwayi n'umwe hagati yacu, murabona ingene Imana yacu Yishura amasengesho.

Iyo dukoraniyehamwe, "Abantu bitirirwa Izina ryanJe nibakoranira hamwe bagasenga, nanJe nzohezandabumve ndi mw'Ijuru." Yarasezeranye kubikora.

92 Rero, ntitwigabuyemwoimice. Turi Umuntu umwe gusa; twese turi umwe, muri Kristo Yesu. Umwe weseasengera uwundi; muransengera mu gihe nanje ndabasengera. Kandi ImanaIbahezagire gushika aho tuzongera kubabona.

Kandi ndizigirayuko muzoguma muri…mwebwe muba hano hafi, muzoza kw'ihema mukagendera hanoumwungere wacu mwiza, mwene Data Neville. Azobagirira neza, mwene Data Mannn'aba bantu beza bafise hano mw'ihema.

Nimba mwegereyemwene Data Junior Jackson canke abandi bo muri bo hose mu gihugu, New Yorkn'ahandi hatandukanye aho bakorera ibikorane vyabo, hariya hafi yo muri Arizonana California, muzogendere ayo mashengero nimwaba ari yo muri. Turasavye yukomuzogaruka kandi hanyuma mureke umwungere abafashe kumenya ibindi vyinshi ku Mwami Yesu.

93 Imana Ibahezagire kano kanya mu gihe tugiye kuririmba Jana Izina Rya Yesu Hamwe Nawe.

….Izina ryaYesu hamwe nawe,

Mwanaw'agahinda n'umubabaro;

Rizoguhaumunezero no kugubwa neza,

(Mugiye ku…? Azobashira…?...)

…ja hose.

Ni Izina ryiza pe (Izina ryiza), Ohukuntu riryoshe! (Oh ukuntu riryoshe!)

Baryizigire mw'isi barishime mw'Ijuru;

Ni Izina ryiza pe, Ôo ukuntu riryoshe!

Baryizigire mw'isi barishime mw'Ijuru;

94 Ndiko nditegerezamw'ikoraniro kur'uno mugoroba, ndabona mwene Data Estle Beeler hariya inyuma,mwene Data Palmer, n'abandi benshi, mwene Data J.T., na benshi mu bakozib'Imana bahagaze hano, sinshobora kubavuga amazina bose. Nari nipfuza yukomwese mwoduga hano, kugira ngo mwese musezere ikoraniro canke mukore ikintukanaka. Muratahura, sivyo? Ndazi yuko mufise umutima Rukristo kandi murazi yukodutegerezwa…uko twebwe -uko twebwe turi; twese hamwe tugize Umuntu umwe, muri KristoYesu.

Ubu rero rekatwibuke kino gitero gikurikira mu gihe turiko turayiririmba, mu gihe mwene DataMartin hano agiye kuturongora mw'isengesho ryo guheraheza Kandi ngomba ku… Uyu ni mwene Data Earl Martin ava, ndibaza, ava muriArkansas canke -canke Missouri. [ Mwene Data Earl Martin avuze ati, "Missouri," -Umw.]Missouri, hariya nyene muri Arkansas, ku mupaka wa Missouri hariya. Barafiseishengero hariya.

Kandi nabonye na mwene Data wundi ava hariya epfo,sinshobora kwibuka izina ryiwe, Brewer. Yari hano mu gitondo. Ndakeka yukoakiri hano kur'uno mugoroba. Egome, ndamubonye ahagaze hano, mwene Data Brewer.Narasezeranye ko nzoza ngashikiriza Imana amashengero yabo, kenshi cane.Nzojayo umusi umwe, mfashijwe n'Umwami, uko nshoboye.

Ubu rero mu gihe turiko turaririmba iki giterogikurikira aka kanya.

Nunamyekw'Izina rya Yesu,

Ngwa nubamye kubirenge vyiwe,

Umwami w'abamimw'ijuru tuzomwambika igitsibo,

Nitwahezaurugendo rwacu.

Tuyiririmbekano kanya

Nunamyekw'Izina rya Yesu,

Ngwa nubamye kubirenge vyiwe,

Umwami w'abamimw'ijuru tuzomwambika igitsibo,

Nitwahezaurugendo rwacu.

Ni Izina ryizape (Izina ryiza), Ôo ukunturiryoshe! (Ôo ukunturiryoshe!)

Baryizigiremw'isi barishime mw'Ijuru;

Ni Izina ryizape, Ôo ukunturiryoshe!

Baryizigiremw'isi barishime mw'Ijuru.

Ôo, fata Izinarya Yesu,

Nk'inkinzo yaburi mutego wose; (umvirize rero)

Ôo, iyoibigeragezo bigukoraniye,

(dutegerezwaguca dukora iki?)

Uce uvuga mubwongoshwe gusa iryo zina ryera mu gusenga.

Ni Izina ryizape, Ôo ukunturiryoshe!

Baryizigiremw'isi barishime mw'Ijuru;

Ni Izina ryizape, Ôo ukunturiryoshe!

Baryizigiremw'isi barishime mw'Ijuru.

Twunamikeimitwe yacu.

Ni Izina ryizape, Ôo ukuntu riryoshe!

Baryizigiremw'isi barishime mw'Ijuru;

Ni Izina ryizape, (twabatijwe muri Ryo; dusenga muri Ryo), Ôo ukunturiryoshe!

Baryizigiremw'isi barishime mw'Ijuru.

Mwene Data Martin. [Mwene Data Martin aciye asenga -Umw.]

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7